# Igihe C'Ishengero Rya Lawodikiya

Jeffersonville, Indiana, USA
11 Kigarama 1960 Ku Mugoroba

1 Rero, ivyo ntiyigeze abiheza. Navuze nti: «Naracereweku bugeni bwanje…navuze nteba gato, ndacererwa ubugeni bwanje gato; ese notebagupfa naho!» Aho ni ho noshima gucererwa, ncererwe koko.

Oya, hariabampamagaye kw'itelefone i muhira, ariko sinashobora kugenda, vyari bigoye. Umugorewanje n'abandi ni ho bari bakigenda, ariko nari ngifise vyinshi nkora. Kandihari n'abantu bari bavuye mu mihingo yose bazanywe no gusenga; ubu ni hobacinjira; hari ivyo Umwami yahishuye kubwa mwene Data umwe; hariya inyumahariyo mushiki wacu yari arwaye. Muratahura, umuntu ategerezwa kuguma agiraingendo hirya no hino…Kandi sinigeze ndonka n'akanya ko kuja kuramutsa bamwebamwe mu bagenzi banje baje bava muri Georgie n'ahandi, eka n'abavuye muriCanada! Kubona ntashoboye kubaramutsa, ntibinguye neza.

2 Tukiri aho, Fred Sothmann ari hehe? Fred, uribuka cagihe wantelefona uri muri Canada uvuga ko ugira uze, maze ngaca ndakubwira ntintuze, ngaca ndakubwira ngo ntuze n'imodoka? Ariko uruhira kuyizamwo, hanyumamuca mugira isanganya ryahatswe gutuma imodoka yawe icika ubunywenywe,hafi…imodoka irononekara rwose, ryahatswe kwica umugore wawe n'umuryango wawe;vyatumye izuru ryawe ricika, hanyuma mwese muca muja mu bitaro.

Nk'isaha zitandatu, mu gihe nariko nitegurirakugenda, mwene Data Ben yari ahagaze hanze maze aca aza aho ndi. Maze Rosellaaca araza, na we nyene aca arambwira ati : «Ndatashe.»

Nca ndamubwira nti :«Rosella!»

Na we ati : «Ni ibiki gamwene Data Branham?»

Nti : «Ubimbwiye nciye numvamerewe ukundi kuntu.» Murabona?

Aca arambaza ati : «Mbegahariho ikintu kija gushika?»

Nca mvuga nti : «Sinzi.Numva umengo hariho Ikintu kingabishije.»

3 None raba ahejeje kumpamagara kw'itelefone harahezeakanya, yagize isanganya. Nta n'umwe yakomeretse, ni ikiganza c'Umwami. Ageze iIndianapolis, yaciye ata inzira (mu buraruko hose huzuye ibibarafu), kandiumuduga wataye ibarabara wihuta cane. Ni ho rero yaca asemerera ati : «O Mwami,mfasha!» Umuduga waciye uhindukira usubira iyo uvuye, nk'uku. Waciye uhindukirausubira mw'ibarabara. Aca aravuga ati : «Oh, ndakengurutse kubona ndahavuyekuko iyindi miduga nayo yariko iraca kuri iri barabara nyene, yiruka cane!»Ageze kure gatoya, aca arahagarara kugira ngo afate agakombe k'ikawa cankeikindi kintu gishushe. Maze imbere yuko asohoka mu muduga wiwe, neza na nezauwundi muduga uca urayiseka inyuma, hanyuma uwundi na wo useka uwo wari inyuma wamusetse, maze n'uwundi kandi: wariumurongo w'imiduga yasekanye. Yambwiye ko vyamucetse gato, ariko ko ata coyabaye. Yashaka gushimira Umwami no gutelefona kugira ngo abwire Ishengero ngorishime Umwami kubona atakomeretse, no kudusaba kandi ngo tubandanye dusenge kugirango ashobore gushika i muhira. Atanguye gutwara umuduga vuba, ni ho akironkauruhusha rwo gutwara umuduga. Ni co gituma nshimira Imana cane kubwiwe.

4 Birakenewe kwama twitwararika izo mburi z'Umwami. Yamaavuga ati : «Ariko nzomara umusi wose ata co nkoze!» Akazi k'umusi umwe ni iki?Uko bimeze kwose umuduga wiwe azowukoresha kuri menshi cane! Ni co gitumabikwiye ko -ko tugira… ugumana n'Umwami, si vyo? Iyo atubwiye ikintu, birakwiyeko tugifata nkama, kuko yama avuga ukuri, si vyo? Yama avuga ukuri!

5 Rero, oh, iri ni… iri yinga ryabaye ryiza bihebuje!Sinzi vy'ukuri ukuntu noserurira Imana na mwebwe ukuntu merewe kubw'iri yingaryiza cane! Iyi misi munani ni yo yambereye myiza cane mu gihe maze mvugaUbutumwa. Ni ukuri. Na -namenye vyinshi ku vyerekeye Umwami no ku mbabazi ziwenyinshi! Iyo nibajije ku vyo yadukoreye vyose hanyuma nkabona Mpwemu wiweyongera gukorera mw'ishengero! Kandi ndanezerejwe cane no kubona za ngabirezongeye gukorera mw'ishengero. Murabona?

Iyo bigeze aho, wogira ngo uwinjiye yoba aje gusa-gusa kuvyonona no gupfa ivyo akoze.Maze nimwasuzugura izo ngabire, Imana izobasuzugura! Murabibona? Ni ivy'ukuri!Mutegerezwa kuzikoresha neza. Kandi ico dushaka, ni uko gusa ivyo vyokorwaneza, nk'ibi vyo kuvuga mu ndimi. Si gusubiramwo gusa ibice vyo mu Vyanditswe,ariko ni kuvuga ikintu kizoshika. Namba vy'ukuri ivyo bintu tuvyubaha,bizotangura… Iyo mw'ishengero hari umuntu atanguye guta inzira, Mpwemu Yeraazobivuga avyeruye maze avuge uwo ari we. Maze ba -bazokwumva ko ahanywe aceaja ku gicaniro. Ico ni co izo ngabire zimaze.

6 Iyo mbonye umwungere wacu wa hano, mwene DataNeville; yari umuntu adakunda kuvuga mu bantu kandi yikumira. Kandindabibabwiye yuko umuntu yokwibajije ko atokwigeze yerekana aho ahagaze kuvyerekeye gatitiba ya Pentekote. Ariko iyo ndamubonye ahagurutse kugira ngoasobanure indimi

yongere avugishwe, nobabwira ko yavuye kure! Ni ivy'ukuri!Duhore dusengera umwungere wacu.

Murabona, ingabire zitanguye kuza mw'ishengero.Kandi nashaka kwongera kubabwira uwundi mwene Data aciye bugufi ashobora kubaari ahantu hamwe muri ino nzu. Ndibaza ko ari ho ari; yama ari ho ari! Niumugabo asanzwe aciye bugufi cane. Yarigeze kuba umwe mu bajejwe ivy'inyubakomuri iri shengero ryacu. Ni mwene Data Higginbotham, umugabo w'intore, umugaboyubaha Imana. Yarahawe ingabire yo kuvuga mu ndimi! Ni nde yokwigeze yibaza komwene Data Higginbotham yokoze ivyo? Umuntu adakunda kuvuga mu bantu kandi yikumira,atashaka kumenyekana, ata na kimwe yigera avuga kandi akama yigumira inyuma.Ariko murabona, Imana irashobora gufata umuntu nk'uwo maze ikamukoresha, kukouwo muntu atashaka kubikora. Iyo aba yashaka kubikora, yoshoboye gutuma yishirahejuru. Ariko igihe cose atagomba kubikora, kumbure ko Imana ishoborakumukoresha gurtyo.

Ndibaza ko Junie ari ngaha, ari…oh, ari inyumay'inkingi uvuye aha ndi.

7 Nashaka kuvuga ibi, Narumvise abantu benshi bavugamu ndimi. Kandi ndibaza ko ivyo vyose biva ku Mana kuko ntimushobora kuvugaikintu kanaka kitagira ico gisigura ku muntu kanaka ari ahantu hamwe. Murabizi,Bibiliya ni Yo ibivuga, iti : «Nta jwi narimwe ribura ico risigura.» Ni ukuvuga ko ata jwi narimwe ritaba rifise insiguro. Ntimushobora gusohora ijwi kanaka ritagira icorisigura. Namye nibaza ukuntu bishoboka. Ariko kuva aho ngiriye muri Afrika,nagiye numva amajwi atandukanye yabonetse ko ari ijwi ry'umuntu yaba arikoaravuga. Rimwe na rimwe ryari ijwi ry'umumarayika, n'ibindi.

8 Hariho kandi Junie Jackson, umuvugabutumwa asanzwe wo mu misozi, atinya kuvugamu bantu kandi yikumira, ava mw'ishengero ry'Abametodiste hariya -hariya hafiy'i Elizabeth, muri Indiana, hariya mu mashamba. Aritekerereza, nta co avuga,kandi arikumira, bisa n'uko ari… rimwe na rimwe, ndamubonye, numvanomunyiganyiza, nkamubwira nti : «Gira ico uvuga Junie, murabona, reka kugumaaho undaba gusa nk'uko.»

Twaricara ku gishitsi kiri mw'ishamba, maze akambwira ati : «Euh…ndibaza ko …nivyiza cane.»

Naramubwira nti : « Oh, Junie nu -numva umengo 'reka ndabikuvugire,' murabona.Jewe mbona wikwega cane.» Kandi Imana yaramuhaye i -i -ingabire yo kuvuga mundimi ; kandi kuva mbaho sindumva amajambo atoboye nkayo. Murabona ?

9 Raba ukuntu Mpwemu Yera akora mw'ishengero! Muribukawa mugore yavuga mu ndimi muri iki gitondo, atazinanye na wa mugore wundi? Ntan'umwe yari azinanye n'uwundi! Hari ukuntu ijwi ryiwe ryagenda, maze igihevyasobanurwa, ijwi ryagenda kwa kundi nyene, indome zivuga nka za zindi nyene,aho yaruhutse akaruhuka, aho yabajije akabaza, aho yatangaye agatangara, gurtyogurtyo. Vyagaruka kwa kundi nyene. Kandi Ubutumwa bwahawe ishengero bwaributunganye. Muratahura ukuntu ivyo bigenda? Twategerezwa kubishimira Imana!Ariko, oh, ntimuce mwikakisha! Nimwabikora muzoba mwishize hejuru mazeumurwanizi azoca abigarurira. Nimuce bugufi, maze muvuge muti : «Ewe Mwami,ngumya, ntundeke ngo mpaguruke hataragera!»

Ntazokwigera abareka ngo mukorere ibintu mu muvurungano. Namba ivyo bihorabibashikira rimwe rimwe, nta -nta ngorane. Nimwabikora, umwungere azo-azobibabwira. Murabona, i -ingabire ntizikwiye gukora mu gihe…mu gihe turikoturavuga Ubutumwa buba buriko buravugwa. Mu bisanzwe, iyo ingabire zitanguyegukorera mw'ishengero nk'uko bikwiye, mwategerezwa guhurira hamwe hataragerayuko ikindi gikorane gitangura. Muri ako kanya, muzoreke Umwami abakoreshe, kuburyo hageze muri iki gice, vyose bizogende bikurikirana. Igihe murimw'ikoraniro, kumbure ko bizosaba guhora maze mukaguma mu gacerere mu kiringokanaka. Ariko iyo hariho ico Imana ishaka kuvuga, izokivuga mu buryo bumwecanke ubundi! Nimuyireke ivyikorere, ariko mubikore nk'uko Bibiliya ivyigisha.Kumbure ko mwene Data Neville azotwigisha kuri ivyo bintu, kandi tuzogerageza gukorank'uko azoba yatubwiye. Nzogerageza kumufasha ukwo nshoboye kwose, kandi ukoturi babiri tuzogerageza kubereka uko ivyo bitegerezwa kugenda.

10 Wumva umerewe neza ga mwene Data uva muri Pologne? Biratunganye. Oh, mbegaukuntu Umwami yamuhezagiye! Haraheze imyaka umunani abwiwe ko hari ikintukizoshika. Yizera ubutatu bimwe bikabije, ntiyabona iyo ava n'iyo aja. Wa musi,Umwami yarambwiye ati : «Hari umugabo umwe ahava aza, afise imishatsi yirabura,amaso asa n'inginagina kandi avyibushe. Ntumusubize inyuma, kuko ari Jewendamukurungikiye.» Nca mfata umurongo wo mu Vyanditswe uhuye neza na nezan'ahantu yari afitiye amadidane. Nca ndawandika ku gapapuro maze ndagasiga aho.Bidatevye, aca arashika.

Umugorewanje yambwiye ati : «Hariho umugabo ashaka ko mubonana.»

Nca ndishura nti : «Ni we mubwire yinjire.»

11 Yaciye a -anyiganira, ivyo yari yabwiwe mu… biciyemusi y'isigwa rya Mpwemu Yera. Ubutumwa yari asanzwe abwizera kandi yagumyeashikamye mu bo yari arimwo; n'ubwo bamuhinyura, yari yagumye ashikamye. Yaciyeanyiganira ko hari haheze igihe gito mvuganye na we mu gikorane nkongerankavuga n'izina ryiwe. Ukuntu nageze aho mvuga izina ryiwe, nta co ndabiziko!Yambwiye ko nategerezwa ku -kurisubiramwo urudome ku rundi, canke ikintunk'ico, mu gikorane. Yanyiganiye ko yari ateruye uruhinja

rwari rufiseuruherehere mu maso kandi ko urwo ruhinja rwaciye rukira neza, neza cane. Kandin'ukuntu Umwami…

Nca ndavuga nti : «Icari gikwiye ubu, ni uko uja kurusengero ukabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo.»

Haraheze igihe gitoya duhuriye hejuru ku musozi,kuko yaraje maze arabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Ubu rero, aranezerewecane, amerewe neza kandi agira atahuke. Ndizigiye ko umusi umwe ari weazonsobanurira muri Pologne, mu Budagi, no muri biriya bihugu vyose vya hariya.Umwami aguhezagire, mwene Data.

12 Umwami akora ibintu bihambaye cane! Nimwirabiregusa ukuntu imbabazi ziwe -ziwe ziri, n'ukuntu ihamagara abana bayo ikundaibakura mu buseruko, mu burengero, mu buraruko no mu bumanuko; begeranirahamwe, bakihumanura, bagakura ikibi hagati muri bo. Twobivugako vyinshi!

Ubu rero, ntimwibagire ku w'iyinga uza ku mugoroba,Umwami abikunze, ku w'iyinga uza ku mugoroba, tuzogira… ku w'iyinga uza mugitondo, nako, tuzosengera abarwaye. Igituma mvuze kuri ivyo, ni uko kumburehabaye benshi ku w'iyinga mu gitondo, tuzoca duheza ku w'iyinga ku mugoroba,murabona. Ariko ninashobora gubaheza bose ku w'iyinga mu gitondo, aho rerobiozoba ari vyiza.

Ku wa gatatu ku mugoroba, hari igikoranec'amasengesho aba hagati mw'iyinga. Kuri mwebwe muba mu micungararo y'ahamuzoze muri ico gikorane c'amasengesho! Ntimuze mukiburemwo, nimugumemuvyitwararitse! Nimusenge, murondere ingene mwegera Imana. Ntimureke ivy'akagumango bironke ikibanza muri mwebwe. Mugume… Ivy'ukuri ni vyinshi ku buryomudakwiye kwemera ibitari vyo, murabona, nti -ntimujane inzira itari yo. Ni mugume muhagaze neza.

13 Numvise «Amen!» nari menyereye kwumva ariko hari haciyeimyaka myinshi ntayumva, ni iya mwene Data Russel Creech. Bambwiye ko Patty ariwe yavuze mu ndimi wa musi ku mugoroba. Patty, ni ho uri? Uri ngaha? N'aho narikumubona sinari kumumenya! Nibaza ko aha nyene ari ho nari ndi nteruye wa mwanakugira ngo ndamushikanire Umwami! Meda yarambwiye ati : «Ubu, ni inkumi nziza!»Afise ubushobozi bwa Mpwemu Yera kuri we, aravuga mu … Russel, uri umuntuw'umutunzi. Ego, uri we.

Mushiki wacu muka Creech ari hehe? Sinamubonye. Aringaha? Ego, ari hariya inyuma. Mushiki wacu muka Creech, mbega ukuntu nshimaImana ko yabahay'umwana w'umukobwa nk'uyo, ntimushobora gutahura ukuntu -ukuntunshima. Ari mu myaka aho abakobwa b'imiyabaga baba bagayana, bagakora ivy'ubupfu,bakiruka inyuma y'abahungu, bakimosha isunzu nk'iry'imbata, n'ibindi; ariko uyumwigeme ari ngaha, yarinjiwemwo n'Ubushobozi bwa Mpwemu Yera kandi avuga mu ndimi.Oh, bagenzi.

Hmm! Kuri aka kagoroba, ni abagabo bangahe,abavugabutumwa b'Abapentekote, batanga ubugingo bwabo bwose kugira ngo baboneabakobwa babo baje ngaha, hako baja aho barara baratamba za rock-and-roll.

14 Ivyo -ivyo nimubinezerererwe, Mwene Data. Ndaziakazi ukora mw'ishirahamwe ryitwa «Interstate», na jewe naragakoze. Kenshinarakora nkaruha, ariko mwene Data,… ivyo twabikora kugira ngo turonke icotureresha abana bacu. Ariko nimwibuke ko Imana ari iyo kwizigirwa. Ni yo itangaingero, nta nkeka! «Umwe wese nzomuha ingero ihwanye n'ivyo yakoze.»

Imana iguhezagire, Patty. Mwana wanje, si -sinibaza ko nokwigezenkumenya. Mwana wanje, ntuze wigere uta iyi nzira ifunganye. Ntuze wigerewemerera wa murwanizi ngo agushiremwo i -ikintu cosa n'ipome nziza ikayangana,nk'izahabu, kuko mu vy'ukuri, izoba ari indium, murabona. Ico kintu urazocaugita maze wigumire aho. Guma uhanze amaso kuri Kristo, uhange amaso kumusaraba, maze utere uja imbere, kuko igihe kiri hafi. Murabona?

15 Hari impanuro nyinshi nari gutanga zobazaniraimigisha iva ku Mana! Sinashoboye kubona abantu benshi, kandi muri iyi ndwiyose, ndibaza ko ntashoboye gusengera abantu barenga mirongo itanu; nagumangenda ngaruka, hariho ibintu vyihutirwa n'ibindi vyaguma vyitamwo, n'ibindi,kandi nari mfise vyinshi vyo kwiga. Ariko ku w'iyinga uza, tuzosengera abantu;tuzosaba Imana ngo imanuke, kugira ngo iduhe ubwo bushobozi bukomeye kandi ngoyigaragaze muri twebwe - kuw'iyinga uza, mu gitondo, Umwami abikunze.

16 Oh, mu vyukuri sinkunze gutangura iki gihe c'ishengero, kuko nzi ko ar'ica nyuma, ari naco ibihe ndwi vy'Ishengero bi -birangirirako. Mwarahimbawe no kuvyumviriza? [Ikoraniro ryishuye riti : «Amen!» -Umw.] Ubu rero, nimwibuke neza ibi, ndabivuze mu mpera nk'uko nabivuze muntango : harashobora kuba hari ibintu vyinshi dushobora kuba tudahurizakonamba, ntimubimpore! Nimunkunde uko biri kwose, ivyo mwokora vyose canke ivyomwovuga vyose, ivyo nta co bihindura kuri jewe : nzokomeza ndababona kwa kundinyene, kandi nzorushiriza kubiyumvirako neza. Ndabakunda, n'Imana irabizi, ntamuntu avuga Izina rya Yesu Kristo ntakunda. Murabona?

17 Kandi sinashaka ko habaho umururazi canke kubasindabibazwa, n'ubwo tutumvikana na gato. Iyo tuba twicaranye ku meza, umwearya agakate k'ubu bwoko uwundi ak'ubundi bwoko, vyoba ari co kimwe!

Iyodufatanije tuba dukundana. Kandi namba tutabikora, twategerezwa rero kubikora.Kandi nimba… ntituzigera dushika kure mu Mana gushika tubikoze.

Ntimwibagire, ntimwibagire ko ingabire iruta izindizose ari urukundo! «Naho navuga indimi z'abantu n'iz'abamarayika, naho notangaumubiri wanje ngo uturirwe, nta co vyomarira. Ariko ah'igihinguwe kizoshikira,ni ukuvuga urukundo…» Ingabire zose za Mpwemu zidafatanijwe n'urukundo, ivyontibizorama! Ibindi vyose vyozifatanya bizoshwanyagurika, ariko Urukundorwamaho ibihe vyose. Ivyo mushobora kubisoma muri 1 Ab'ikorinto 13.

18 Kuri uno mugoroba, dutanguye iki gihe gikomeyec'ishengero. Oh, bagenzi! Kumbure ko tuja guheza nk'isaha zitatu zirenga(kur'uwu mugoroba) iminota cumi n'itanu. Vyukuri ndababajwe no kubona tudafiseibibanza bikwiye, ariko… vyo gushobora kwicarikamwo abantu bose, ariko vyukurinta vyo dufise! Kumbure ko umusi umwe, tuzoronka ibibanza biruta ibi.

Ubu rero, nagira ndabasabe ico mumfasha. Murazi ahompagaze kandi murazi ico ivyo bizonzanira umusi umwe, kandi igihe kiri hafi.Murabitahura? Nashaka ko mukora ibi : nimwame munsengera. Nimwibuke ko namyengerageza kuvuga Ukuri uko nshoboye kwose. Ndabona ko ntakiri umwana muto :mfise imyaka mirongo itanu n'umwe! Kandijewe -jewe igihe intuze yanje…Sinshobora kugira aho nja Imana itampamagaye.Nzokurikira inzira ishaka ko nkurikira, kandi nta bindi. Ariko ntegerezwa kubaimvugakuri kandi nkavuga ukuri ata myumvikano ndinze kugiriranira n'abantu.Ndazi ko rimwe na rimwe bisaba ko ngenda ndi umwe, ariko igihe cose Iri kumwenanje, ivyo bintwaye iki? Murabona?

19 Ubu rero, imbere y'uko twinjira muri ico gihec'ishengero gihambaye, twohaguruka kugira ngo dusenge akanya gato? Ivyo birajagutuma kandi mugorora amaguru kandi muraja kwumva mumerewe neza. Kubera ko arico gikorane canyuma, hoba hariho… ni bangahe bari hano bifuza ko twobingingiraImana? Nimwerekeze ibiganza ku Mana muti : «Uranyibuka Mwami, iki gihe nicarangira. Aho vyose bizoba birangiye, uzonyibuke!»

20 Data wa twese wo mw'ijuru, nta majambo akwiyedufise kugira ngo tugaragaze ishimwe ryacu kubona Imana Nzima yabanye natwemuri iyi yinga, kubwo ibintu twigishijwe nawe, ku kuntu wihishuye muri ikikiringo cose, kandi kubera yuko wadutomoreye Ijambo ryawe. Mbega ukuntu vyosetwavyitega kuri Wewe, mbega ukuntu twa -twagerageje kugaragaza urukundo, arikontitwabishoboye, Mwami, kuko ururimi rw'abari n'umubiri rutabishoboye. Ku… nokuba waradukijije, kandi Uga… ugatuma tukugirira inzara. Kuko handitswemw'Ijambo ngo: «Harahiriwe abafise inzara (kuba ufise inzara gusa, niumuhezagiro), "inzara n'inyota vyo kugororoka.» Hanyuma, waciye uvuga iki kintuciza cane ngo : «kuko bazohazwa!» Ivyo turavyizera, Mwami! Duharire ku vyoduhajije.

Kuri uyu mugoroba, mu gihe twinjiye mu… muri ikigihe ca nyuma c'ishengero, ari co ca Lawodikiya, tumaze kubona ko Ivyanditswena kahise vyagiye bihura neza cane buri gihe. Ni co gituma Data, tuzi koivyavugishijwe vyiza cane vyerekeye iki gihe ca nyuma bizoba bihuje neza naneza n'ivya vya bihe bitandatu bindi. Data, ndagusavye ngo ureke Mpwemu Yeraaze kuri twebwe kuri uyu mugoroba, maze aduhezagire mu gihe tukimwiteze.Mw'Izina rya Yesu. Amen. Murashobora kuvyagira.

21 Umwami abikunze, igitabo kizo… vuba uko dushoboye.Mwene Data Leo aravyumviriza kuri bande, kugira ngo bice bija ku… agacaavyandika n'ikaramu, azoca avyandika n'imashini hanyuma azoca abikoramwoigitabo.

Mboneweho guca ndababwira ko hagiye gusohokaigitabo ca Rosella citwa : Imborerwayakijijwe. Muribuka mwese inkuru yiwe, ukuntu Mpwemu Yera yamuhamagaye arimu gikorane. Yari yarahebwe n'amashirahamwe ane akomeye yitaho imborerwa, cokimwe n'ibitaro vy'i Chicago. Ariko Umwami Yesu, mu kanya isase, yaramukijijeivyari bimubabaje vyose; yaciye aja mu mabohero n'ahandi, yiganira abantuukuntu Imana ibohora, abibwira imborerwa n'abandi. Kubwo gushinga intahe kwiwe,yazanye benshi kuri Kristo.

22 Ubu rero, murashobora kumbwira igihe ca mberec'Ishengero ico ari co? Efeso. Ica kabiri? Simuruna. Ica gatatu? Perugamo. Icakane? Tuwatira. Ica gatanu? Sarudi. Ica gatandatu? Filadelufiya. Ic'indwi? Lawodikiya.

Ica mbere, ari na co Efeso, catanguye muri 55gihera mw'170. Simuruna, catanguye mw'170 gihera mu312. Perugamo, catanguye mu 312 gihera mu 606. Tuwatira, catanguye mu 606gushika mu 1520. Sarudi, catanguye mu 1520 gihera mu 1750. Filadelufiyacatanguye mu 1750 gihera mu… 1906; ni ho rero haca hatangura igihe ca Lawodikiyakigikurikira, kandi ejo ku mugoroba, twarihweje ukwo kwinjiranamwo. Kuri unomugoroba, turaja kubona iherezo ry'igihe ca Lawodikiya.

23 Turizera ko ishengero rya Lawodikiya ryatanguye mu1906. Ndabivuze bitaraba... Ibi muravyibuka neza : «Ndabivuzebitaraba», - cane cane kuri mwebwe mwumviriza aya mabande yafashwe. Simvuze koari ko bizogenda, ariko ndabivuze bitaraba ko kizohera ahagana nko 1977, koishengero rizokwinjira rwose mu kureka Imana kandi ko Imana izoridahwa. Kandiukuza kwa kabiri canke ukuzamurwa na Kristo,

gushobora gushika akanya kose.Ndashobora kwihenda umwaka, imyaka mirongo ibiri, imyaka ijana! Sinzi igiheivyo... Ariko nkurikije ivyo yanyeretse nkongera ngafatira ku bihe no ku buryoibintu bitera bihinduka, ndabivuze bitaraba ko igihe ivyo bizobera kiri hagatiya 1933 n'i 1977. Ukwo -ukwo bimeze kwose, iri hanga rikomeye rizovyuraintambara izorisiga ari umunyota. Ivyo vyose biregereje, biregereje cane. Arikonshobora kwihenda, kuko ndabivuze gusa bitaraba. Abatahura ivyo ni bavuge bati: «Amen!» [Ikoraniro ryishuye riti : «Amen!-Umw.»] Murabona?

24 Mu 1933, mu vyo neretswe, Umwami yaranyeretse wa mugore w'inkomezi ahambaye;ivyo naravyanditse. Kandi n'ukuntu Roosevelt yoteje… yategerezwa kugira uruharamu gusomborotsa intambara y'isi yose; n'ukuntu Mussolini yatanguje igitero ciweca mbere muri Etiyopiya maze akayigarurira, ariko ko azogira iherezo ribi cane;n'ukuntu ya « mihari itatu : Abanazi, Abafashiste, n'abakomunista, yoseyogiye hamwe igacika ubukomunista. » Ni bangahe bari ngaha bavyibuka,igihe nabagumiza muhagaze maze nkavuga nti : «Rabe neza Uburusiya! Rabe nezaUburusiya ari bwo wa mwami wo mu buraruko!» Ni bangahe banyumvise ndabivugakandi nkabisubiramwo nkongera nkabisubiramwo? Ivyo ari vyo vyose inararibonye,igihe nabivugira muri uru rusengero kera rutarasubirwamwo! Nari mpagaze harya,kandi nkaguma nsubiramwo nti « Murabe neza Uburusiya ari bwo wa mwami wo muburaruko! Raba ivyo agiye gukora, kuko iyo mihari yose igiye kuzokoranira muBurusiya.»

25 Hanyuma nca ndavuga ko « iki gihugu cacu kizoruhira kurwana n'Ubudagi.Kandi ko Ubudagi buzokwubaka uruhome rwubakishije ivyuma n'isima. » Ni rworwa ruhome rwitwa Siegfried, urwo navuzeko hasigaye imyaka cumi n'umwe ngobarwubake! Imyaka cumi n'umwe! Kandi naravuze nti : «Abanyamerika bazotsindirwakuri urwo ruhome bimwe biteye ubwoba! Bamwebamwe muri bene Data bari hano barashitse kuri urwo ruhome, nka mwene Data RoyRoberson n'abandi. Nimubabaze uko vyagenze! Ni ukuri. Ego! Ariko naravuze nti :«Uburuhiro tuzoyitsinda, kandi tuzoba kimwe mu bizotsinda Ubudagi»

26 Kandi naravuze ko hanyuma, inyuma y'ico gihe,ubushakashatsi buzotera imbere cane. Vyarashitse : barakoze ibomberuhonyanganda n'ibindi bintu. Naravuze ko mw'iterambere bazogira, ko bokoze…imiduga izogenda irushiriza kugira imero y'irigi. Muribuka za modoka za kera zomu 1933, ingene inyuma hazo hari hameze; inyuma haramanuka nk'uku, ipine ryogukuranya ryari riboheye inyuma? Raba ukuntu zimeze uku, zimeze nk'indege,zimeze nk'irigi. Kandi naravuze ko, uburuhiro bazokora umuduga utazoba ukeneye ivola. Nabonye umuryangougendera ku… ku co bita 'ibarabara' bari mu muduga, hejuru ukozwe n'ibiyo. Yariamabarabara manini kandi meza, kandi yari imodoka nziza. Abantu bari bicayebarabana, umuduga na wo ukitwara, ukata amakona ata ngorane. Ubu rero, uwomuduga uramaze gukorwa. Naciye mvuga nti : «Oh, mbega ukuntu ubushakashatsibuzotera imbere muri ico gihe!»

27 Nongerako nti : « Hanyuma nabonye…Muri ico gihe,bazokwemerera abagore gutora.» None ubu, abagore baremerewe gutora. «Kandikubw'ugutora kwabo, umusi umwe bazotora uwutari akwiye gutorwa.» Mwarabikoze, mu matora aheruka. Abagore ni bobatoye Kennedy. Ivyo turabizi; harabaye amamashini ahinyitse bo n'ivyo bintuvyari vyateguwe kare, bigashirwa ahabona n'ibiro vyo kugendereza FBI. Kuberaiki bimera uko ntihagire igikorwa? Kubera iki ata co babivugako? Ni kubera kobatinya gukurwa mu kazi! Murabona, n'akagwi k'abanyepolitike gusa, bononekayegushika mu musokoro. Nta bindi. Nta nkeka!

28 Nta ntuze -nta ntuze ihari… si intuze,murantunga. Nta gakiza kari muri irihanga, nta gihugu na kimwe kirimwo agakiza. Agakiza kari muri Yesu Kristo,kandi kari muri We honyene! Ni ivy'ukuri! Nubwo bimeze gurtyo, ndashimiraAmerika. Kuba aha bindutira kuba ahandi hose kw'isi, ukuyemwo muri Canada.Kanada na Leta Zunze Ubumwe za Amerika ni amahasa, turabizi, ni ibihugubibanyi. Canada n'ahantu heza cane, ariko ndi -ndibaza kandi ko kuba inobindutira kuba ahandi hantu hose nzi, kuko ari i wacu. Ndanezerejwe n'uko ndi Umunyamerika,kandi ndashima kubw'ivyo. Ariko, ni jewe ndabibibwiriye, nta nkeka Amerika yariikwiye irindi kanguro, koko. Ariko ntizorironka! Haba na mba! Ntizosubirakuvyuka ukundi! Oya! Ivyaryo vyarangiye! Nimwibuke ivyo navugiye i Chicago,haraheze nk'imyaka itanu : vyarafashwe amajwi! Gene, urafise iyo kaseti. Narinavuze nti : «Uyu mwaka bazomwemerera canke bitabaye uko bazokomeza kumwanka!»Ni co bakoze, kandi ni co bazokora gushika aho ivyabo bizorangirira.

29 Hazoba umugore akomeye cane! Ivyo muhore muvyibuka!N'ivyo nyene vyarafashwe amajwi! Umugore w'inkomezi, umugore afise icubahirocinshi; uwo mugore azoba ari umukuru w'igihugu, canke naho, uwo mugore azobaagereranya ishengero rya Katolika (nibaza ko ari vyo); umusi umwe ni we azofataubutegetsi agaheza akarongora iki gihugu. Iki gihugu ni igihugu c'umugore.Ibendera ryaco ryakozwe n'umugore, kandi igitigiri caco ni cumi na gatatu. Catanguyegifise inyenyeri cumi na zitatu n'uturongo cumi na dutatu kw'ibendera ryayo. Yariigizwe n'intara cumi na zitatu. Vyose bigenda bigira cumi na bitatu! Ni cumi nabitatu, cumi na bitatu, gurtyo gurtyo. Hariho inyenyeri cumi na zitatu kugiceri c'idolari rimwe. Vyose bigenda bigira cumi na bitatu. Igitigiri caco niigiharuro cumi na bitatu, kandi kibonekera ku gice ca 13 co mu Vyahishuwe !Muri vyose ni cumi na gatatu ! Vyose ni «umugore, umugore, umugore, umugore,umugore», gurtyo gurtyo. Ni we arongora ubutegetsibwose. Ni we aganza igihugu, yigaruriye ubutegetsi. Vyose ni we abiganza!Anganya uburenganzira n'abagabo, afise uburenganzira bwo gutora nk'umugabo,atora nk'umugabo, arahira nk'umugabo n'ibindi vyose. Ni icambo kw'ishengero ryaKatolika, kubw'ugusenga umugore! Ukwo bimeze kwose, baratanguye gusengaumugore.

Niwe ntuze nyayo...Umugore w'icigenze ni we cambonyaco umurwanizi yashoboye kwironkera. Arusha ububi ibirabu vyose. Arashoboragutuma ubugingo bwinshi buja mu kuzimu kurusha ubwojanwayo n'ubunywero bwosebwo mu gihugu. Ni ivy'ukuri.

30 Umugabo w'umunyabwenge kurusha abandi bo kw'isiyavuze ati : «Umugore w'umunyangeso nziza ni akabuyenge ku gitsibo c'umugabo». Umugaboategerezwa guhesha icubahiro umugore w'umunyangeso nziza. «Ariko umugorew'inkazi aba ari nk'amazi mu maraso yiwe», kandi amaraso yiwe, ni bwo bugingobwiwe. Mwebwe, bagabo mufise abagore b'abanyangeso nziza, ntimuzi ukuntu mwarimukwiye gushimira Imana kubw'abagore b'abanyangeso nziza Imana yabahaye! IyoImana ishobora guha umugabo ikintu ciza kurusha umugore, iba yarabikoze. Arikoumugore ni we umufasha mwiza Imana ishobora guha umugabo. Ariko iyoahindutse...

31 Hariho umwe Satani yahisemwo muri Edeniaramukoresha. Ntiyakoresheje umugabo, ariko yakoresheje umugore. Kubera ikiatatumbereye Adamu kugira ngo ashire ico mu mutima wiwe? Yatumbereye umugoremaze abimushiramwo kuko ari we yahisemwo. Imana yahisemwo umugabo, maze Satanina we ahitamwo umugore.

Raba rero ivyakurikiye gushika ku mpera... IgiheBabuloni yashingwa, Igitabo citwa : «ZaBabuloni zibiri» canditswe na Hislop, umugore! Ivyo iyo bishitse muri kinogihe ca none, bica biheraheza igihe c'abanyamahanga. Uko ni ko Babuloniyatanguye kandi irangizwa ari umugore asengwa (Mariya) mw'ishengero. Mbega igihetugezemwo?

32 Ubu rero, Lawodikiya, i -igihe ca Lawodikiya, ijambo risigura akazuyazi. Riratunze kandi rikibaza koata co rikeneye. Ariko Bibiliya ivuga ko rikenye, rihumye, ari ritindi kandirigenda amenya! Mbega ukuntu rimeze!

Impera y'abazonesha muri iki gihe n'ukobazokwicarana n'Umwami kuri ya Ntebe.

Inyenyeri, canke umumalayika, canke intwarabutumway'iki gihe c'ishengero, nta wuyizi.

Ariko, ni nde yari intwarabutumwa y'igihe ca mberec'Ishengero? Mu gihe ca Efeso yari Paulo. Ica Simuruna ? Yari Ireneyo. IcaPerugamo ? Yari Maritino. Ica Tuwatira ? Yari Colomba. Ica Sarudi ? Yari Luteri.Ica Filadelufiya ? Yari Wesley. Ariko iy'iki gihe ca Lawodikiya,ntiturayimenya, kandi kumbure ko tutazoyimenya vyose bitararangira.

33 Ariko nk'uko nagomba gusa kwerekana ico uwo mumalayikaazoba ari, ico dukwiye kwitega. Vyoba ari vyiza ?? [Ikoraniro ryishuye riti : « Amen. » -Umw.] Turaja kubifatira akanya gato ; hari utuntu nanditse hano kuvyo niyumvira.

Umumalayika w'iri Shengero rya Lawodikiya azozaigihe kigiye kurangira, co kimwe n'abandi, nk'uko Bibiliya ibitwereka. Azozaigihe kigiye kurangira. Ntazoza mu ntango, ariko azoza kigiye kurangira, kukoumumalayika yama aza kugira ngo abakangire kubwo… ivyo bakoze. « Andikira u-umumalayika w'ishengero ry'i Lawodikiya. »

Raba n'ibi, ngo : « Andikira umumalayikaw'ishengero ry'i Simuruna. » Murabona, rimwe ryose ni ku mumalayika ku mperay'igihe. Paulo yaje igihe kirangiye. Gurtyo gurtyo, yamye aza igihe kigiyekurangira. Ukwinjiranamwo vyaba igihe kigiye kurangira. Igihe kigiye kurangira,ni co gituma haba ukwinjiranamwo. Murabona : «ku mumalayika» ; ababwira ivyabo ukwo bimeze. Iki gihererekanan'iki. «ku mumarayika» ; ababwira ivyabo ukwo bimeze. Iki kikinjiranamwo n'iki« ku mumarayika», igihe kigiye kurangira. Murabona, ivyo biranibonekeza nahano, kandi ibi bihe ndwi vy'ishengero bikurikirana bifatanye kurya kw'ingazi.

34 Uwo mumalayika agiye kuza muri kino gihe, ngomba ku…Hari ibintu nanditse ngaha. Nashaka gusa kubisoma. Azomenyekana mu gice ca nyumac'ico gihe. Kandi kuko twegereye cane uwo -twegereye cane uwo Muco w'igihe,birashoboka ko ubu aja ari kw'isi. Ariko nta wumuzi. Azoba ari u -uwuvugishwan'Imana ahambaye, atemerwa n'abanyamadini, kuko bazokomeza kugendera mu vyahavyabo maze Imana ize iruhire kubadahwa, bave mu kanwa ko mu Nyonga h'imana.

Ndizera ko azoba ari umuntu ameze nka Eliya. Ng'ibiibituma mvuga ivyo. Dufate igitabo ca Malaki akanya gato ; ngira ndababwireigituma nibaza ko azoba asizwe n'impwemu ya Eliya. Ubu rero nifuza ko mwambara inkofero y'ubuntubwanyu -bwanyu.Malaki, igice ca 4. Ni mwumvirize, mu gihe nzoba ndiko ndasoma kandi namwemuriko musoma muri Bibiliya zanyu. Nimwiyumvire mwitonze mu minota mikeya iriimbere, imbere y'uko twinjira mu gihe c'ishengero.

Ehe raba,umusi uraje, waka nk'itanure ;

Abibone bose n'inkozi z'ibibi zose bazoba ibishingwe;

Kand'uwo musi ugir'uze uzobatongora, ni k'Uhoraho

Nyen'ingabo agize, nta n'agashitsi cank'agashamiuzobasigarana. »

Avuze ngw'iki ? Ariko avuga ku musi ugiye kuza.Ivyo turabihurizako? Ni ivyerekeye umusi wo kuza kw'Umwami.

Ariko mweho…

35 Ubu rero nimurabe neza ingene yongera kubwiraAbisirayeli. Yavuze ngw'iki? "Ehe raba,umusi uraje (haciye igihe kinini), waka nk'itanure."

Ariko mweho abubaha Izina ryanje… izubary'ubugororotsi rizobarasira, rifise ugukiza mu mababa yaryo. Maze muzosohokamukina amatavu nk'inyana zivuye mu ruhongore.

Kandi muzosiribanga abanyakibi; bazoba umunyota musiy'ibirenge vyanyu ku musi nzoshinga, ni k'Uhoraho nyen'ingabo agize. (Atari…Umusi azoturira isi, tuzogendera ku munyotawabo. Iyo ni ya nganji y'imyaka igihumbi, murabona.)

Nimwibuke… Ivyagezwe vy'umusavyi wanje Mose,amabwirizwa n'ivyashinzwe, ivyo namugereye… i Horebu kuba ivyo kuganzaAbisirayeli bose.

Umve nzobarungikira Eliya uwuvugishwa nanje, uwo musiw'Uhoraho uhambaye kand'utey'ubwoba utarashika...

Uwo ni we azogarukana imitima ya ba se ku y'abana;n'imitima y'abana ku y aba se, kugira ngo noye kuzoza ngatera isiumuvumo.»

Ni ho Isezerano rya kera rirangirira.

36 Rero Yesu yavuze… muri Matayo 17: 10. Abayuda bose bararindiriye ukwo kuza kwaEliya. Umviriza ico Yesu yabivuzeko muri Matayo 17 : 10 . Turatangurira kumurongo wa 9, Matayo 17:9 :

Barikobaramanuka ico gisozi, Yesu arabihanikiriza, ati Ntihagire umuntu mubwira ivyomweretswe... (murabibonye, ngo : «Ntimubivuge.Murabizi, ariko nimuvyigumizemwo.») ...Ntihagireumuntu mubwira ivyo mweretswe, gushitsa ah'Umwana w'Umuntu azozukira avuye mubapfuye... (Ntimubivuge)

...Abigishwa baramubaza, bati None rero n'ikigituma abanyabwenge b'Ivyanditswe bavuga yuko Eliya akwiye kubanza kuza? ... Kuberaiki Eliya ategerezwa kubanza kuza imbere yuko Kristo ari We Zubary'ubugororotsi aza? Kubera iki ivyo babivuga? Uja umaze gushika kandiabanyabwenge b'Ivyanditswe bavuga ko -ko Eliya akwiye kubanza kuza.

Uburero, ni mwihweze ibi :

Arabishura,ati Eliya azoza koko, aroranye vyose neza.

Arikondababwira yuko Eliya yamaze kuza, yamara ntibamumenye...(Ntiyavuze uwo ari we, murabona.)... arikobamwigiriye uko bagomba kwose. Uko ni kon'Umwana w'Umuntu agira ababazwe na bo.

Bun'abigishwabatahura ko yababwiye Yohana Umubatizi...» ( Rero -rero Yohana umubatizi yari Eliya yategerezwakuza.)

37 Ubu rero, nimukurikire neza, ndagarutse kuri Malaki 4 kandi. Nimwibuke ko ngahaavuga ati : «Nzobarungikira Eliya uwuvugishwa nanje, uwo musi w'Uhorahouhambaye kand'utey'ubwoba utarashika.» Umurongo wa 5 :

Arikonzobarungikira…umuvugishwa…nzobarungikira Eliya uwuvugishwa nanje, uwo musiuhambaye kand'utey'ubwoba utarashika wa…[Ikoraniro rivuzeriti, « w'Uhoraho. » -Umw.]

«Umusiw'Uhoraho» tuwusanga he? Iki gihe kirangiye! Igihe isi izotongozwa umuriro.Muribuka ko ivyo twavyizeko, ya nkofero ikozwe nk'imishatsi yera, murazi, na -nawa mukanda yari akenyeje mu gikiriza. Muravyibuka? Kandi twarerekanyedukoresheje Bibiliya ko atari umusi w'isabato, canke umusi w'iyinga; wari umusiw'Uhoraho. Si vyo? Kandi ni wo musi azozirako guca amateka no «gutera isiumuvumo.» Si vyo?

Umve nzobarungikira Eliya uwuvugishwa nanje, uwo musiw'Uhoraho uhambaye kandi utey'ubwoba utarashika.

38 Murabona ko Eliya aza kenshi. Raba ko Ivyanditswevyose biba bifise insiguro nyinshi, « ariko ivyo bihishijwe abanyabwengen'abahanga, maze bigahishurirwa inzoya zigomba kwigishwa.» Ivyo ntimuvyizera?Nimugume kuri Malaki 4 aho nyene.

Ubu rero reka dusubire muri Matayo 2 akanya gato, uzinguruye urupapuro, Matayo 2. Nibaza konashaka kuvuga Luka 2 aho kuba Matayo 2. Navyanditse hano, ariko nariko ndihutamu mwanya wahera, kandi Mpwemu Yera yari mu cumba kuri jewe nanje narikondagira ibihe vyiza cane Kubw'ivyo nashaka kuvuga…2, reka turabe yuko hoba ariho. Ubu rero reka ndabe hano gato.Matayo 2? Siho ndiko

ndarondera, hoba ari ho? Hinge gato, ndaharonkamu…Mumbangire gato kuko nshaka ko muhabona neza, yuko Icanditswe kigirainsobanuro nyinshi kuri co. Isengesho ryaHana, ukugaruka i Nazareti, Pasika, ibango ry'igikorwa rya Yohana. Rekandabe ko noba nashatse kuvuga Luka, nariko ndasoma ahantu kanaka hanyuma…Nsha-nshaka kuvuga Mariko aho kuba Luka, harashobora kuba hari muri Mariko. Ariko nashaka ko musoma iki Canditswe kugirango -kugira ngo mutahure ko ari igikorwa c'Umwami; yuko ibi abikora muri ububuryo. Ubu rero ngira ndababwire aho ndiko ndarondera, hamwe havuga ngo: «Nahamagayeumwana wanje ngw'ave muri Egiputa.» Uburero, gato gusa.

39 [Mwene Data umwe avuze ati, "Luka 1: 17." -Umw.] Urakoze, mwene Data. Ni vyo, Luka 1. Mariko… Luka 1:17,aho kuba 2. Ngomba gufata uwa 14, aho niho…Naho, mwene Data. Nineza na neza Luka 1:17. Neza cane. Ubu rero, murashobora kuhandika. None niiki, biri mu mihezagiro y'Umwami yavuze kuri Yohana.

Uzonezerwa,uzohimbarwa, kandi benshi bazonezerererwa ukuvuka kwiwe.

kukw'azobamukuru mu Nyonga z'Umwami Imana; ntazonywa vino cank'ikiboreza na kimwe;

Uwo mugabo azozaazokwigishwa kuva akivuka kutanywa vino no kutagendera mu vyaha nk'ivyo. Murabitahura?

…azokwuzuzwa Mpwemu Yera, ahereye ku kuva mu nda ya nyina,

kand'azosanganyabenshi bo mu bisirayeli n'Umwami Imana yabo.

Azoyizaimbere ari n'umutima wa Eliya n'ubushobozi bwiwe, ngw'asanganye imitima ya base n'iy'abana, n'intabarirwa azisubize ku bwenge bw'abagororotsi, ategurireUmwami Imana ubwoko buroranye.»

Ubu rero turashobora gutahura ko ivy'iyo nteguza vyari vyarabuwe biciye mubuvugishwa, kandi ko yari Yohana. Mbega ni ivy'ukuri? Yohana ni we yari Eliyayategerezwa kuza muri ico gihe.

40 Turazi kandi ko Ivyanditswe rimwe na rimwe bisigura ibintu bibiri. Turajagufata iki Canditswe co muri Matayo 2 : 15 (ni co nariko ndarondera), ahavugwango : «Nahamagaye Umwana wanje ngw'ave muri Egiputa.Dusubiye inyuma tugahera muri Hoseya, Yari…ntiyagize… niho bakuye uyu murongo,turabona ko ico gihe atari umwana wayo Yesu, ariko yari -yari umwana wayoIsirayeli, Hoseya «Isirayeli uhereye akir'umwana naramukunda, maze mpamagaraumwana wanje ngw'ave muri Egiputa.»Ariko uwo murongo ufise insiguro nyinshi kandi ukagira insiguro ikomeye caneiyo uvuga ku -ku Kuza kwa Yesu, ari We yari ahambaye kuruta -kuruta Isirayelikurusha igihe uvuga kw'ihamagarwa rya Isirayeli. Neza.

41 Ariko kandi twarabonye ko Ukuza kwiwe kwa mbere kutashitse ku musi w'Umwami, kumusi w'Uhoraho. Si vyo? Ubu rero reka tugaruke muri Malaki maze tubitomore neza: «Ukuza kw'umusi w'Uhoraho!»Nimurabe Ukuza kwiwe gutandukanye, Ukuzakwiwe kwa mbere n'Ukuza kwiwe kwakabiri. Mbega amatwi yanyu yo mu buryo bw'impwemu ariteguye kwumva?Umurongo wa 5, ubu rero :

Umvenzobarungikira Eliya, uwavugishwa nanje, uwo musi w'Uhoraho uhambaye kand'utey'ubwobautarashika.

Turatahura ko atari Yohana, kuko utari wa musi utey'ubwoba w'Uhoraho (si vyo)kandiWe… isi ntiyatongojwe umuriro. Ni ukuvuga ko ubu butumwa bwerekeye uwundi,canke -canke ukundi kuza kwa Yohana…nako kwa -kwa Eliya muri kazoza. Mbega uko ni ukuri? Kukoavuga ati : «Nzorungika Eliya kandi isi yose nzoyitongoza umuriro; nzoyezarwose, kandi muzosiribanga umunyota wabo.» Ni ya nganji y'imyaka igihumbi,turabizi. Inyuma y'aho ibirwanisho ruhonyanganda bizoba vyamaze gutongoravyose, isi izosubira gutotahara. Hazoba umusi mwiza cane kuri iyi si, kandiishengero rizoganzanya na Yesu kuri iyi si mu kiringo c'imyaka igihumbi. «Arikoimbere y'uwo musi w'Uhoraho, uwo musi uhambaye kandi uteye ubwoba, imbere y'ukoguturirwa, nzobarungikira Eliya, uwavugishwa nanje.» Mbega si ivy'ukuri? Muriibi avuga, ntihavugwa Yohana Umubatizi, kuko uwo musi uteye ubwoba w'Uhorahoutashitse muri ico gihe; utegerezwa gushika inyuma y'imyaka ibihumbi bibiri. Sivyo?

42 Nimwihweze rero umurongo ukurikira, maze muraheza mubone ko muri ab'impwemu vyukuri.Ni agakete k'urukundo; birakwiye ko mugasoma mwitonze, kandi rero vyosebiratomoye! Muratahura ico ngomba kuvuga! Nimwibuke iki Canditswe navuze, ahoYesu yashimiye Imana kubona ivyo bintu yabihishije abanyabwenge n'abahanga,maze akabihishurira inzoya. Nakunze gufatira akarorero ku makete umugore wanjeahora anyandikira; ndashobora kuyasoma nitonze kugira ngo menye ico yagomvye kuvuga vyukuri, kuko nda-ndamukunda kandi nzi kamere yiwe. Birakwiye ko mumenya kamere y'Imana kandimukayikunda, gurtyo rero muca musobanukirwa Ivyanditswe. Irabihishura.

43 Ubu rero, reka dusome umurongo ukurikira :

«Uwo niwe azogarukana imitima y aba Data ku y'abana (ubu rero nimurabe neza!)n'imitima y'abana ku y aba se,… (Murabona?)

Igihe Yohana yaza nka Eliya, yagarukanye imitima y'Abisirayeli, imitima y'abaribemeye Ubutumwa bwiwe, imitima ya ba se ku y'abana. Ariko ubu hoho ni yaza,azogarukana imitima y'abagize ishengero kuri ba data bo kuri Pentekote.Murabona, aha agarukana imitima ya ba se ku y'abana. Ivyo murabitahura? Nimubisome!

Uburero nimwumvirize mwitonze:

Azogarukanaimitima ya ba se ku y'abana…

44 Abo baherezi ba kera batavirira Ivyagezwe, azobabwira ati : «Mur'aya mabuye,Imana irashobora kuyavyuramwo abana ba Aburahamu.» Murabibona? Azofata imitimay'abo baherezi ba kera batavirira Ivyagezwe bakomantaye imitima maze abazane kukwizera abana bari bafise kera. Murabona, ni ba bandi bose bari barabatijwekandi biteze Ukuza kwa Mesiya ! «Mwa bana b'inzoka mwe, ni nde yababwiyeguhunga uburake buzoza?» Oh, murabibona ! «Azogarukana imitima ya ba se kuy'abana.»

«N'imitima y'abana ku ya ba se.» Igihe uyu Eliya ahambaye azozira iki gihekigiye kurangira, azozana ubutumwa bwa Pentekoti kugira ngo agarukane abana kukwizera kwa ba se, kuko azobahambarira kubona batagumije kwa kwizera kwariho muntango. Amen ! Ubu rero, ndizera ko mutahura neza bikwiye uyo Eliya ico azobaari. Si vyo ? Ubu rero turabizi.

45 Turabona rero ko uyo musi w'Uhoraho uhambaye kandi uteye ubwoba utarashika.Nkunda kwibaza nti : «Mbega uwo muntu azoba ari umuvugabutumwa gusa?» Eliyayakoze ibitangaza vy'uburyo bwinshi, ariko ntiyavuze ubutumwa. Igihe impwemuyiwe yari kuri Yohana, nta kindi yakoze atari ukuvuga Ubutumwa, ariko ntabitangaza yakoze. Kubera iki ? Kuko Yesu yari yaje inyuma yiwe, kandi ni Weyaciye akora ibitangaza, kuko havugwa ko «Izuba ry'ubugororotsi rizobarasirarifise ugukiza mu mababa yaryo.» Gurtyo rero, Yohana ntivyari bikenewe ko akoraibitangaza : yamenyekanisha gusa Ukuza kwa Kristo.

Nimwibuke ko uyo Eliya agiye kuza azotahurwa ukutariko ; azoba ari umuntumukuru cane mu nyonga z'Umwami ku buryo abantu bazomufata nka Mesiya.

Mbere, n'abagenzi biwe bashika baramubwiye bati : «Uri Mesiya.»

Ariko aca arabishura ati : «Ntibimbereye no gupfundurura akagozi k'inkwetoyiwe, ariko We aza inyuma yanje!»

86Ni kubera ko ico gihe bari barindiriye Mesiya. Biyumvira ko Mesiya agiyekuza…Igihe rero babona uwo muntu atangaje ahagaze hagati yabo, baciye bavugabati : «Ni we Mesiya !»

Ariko Yohana aca arishura ati : «Si jewe! We, azozainyuma yanje!»

Oh! Mwabitahuye? Ku vyerekeye Eliya agira kabiri,abagenzi biwe bashika na bo nyene, bazokwibaza ko ari Mesiya.

46 Raba ko, nk'uko vyagenze ubwa mbere, n'ubuhazoshika ikintu kidasanzwe: azoza neza na neza imbere y'uko Umusi w'Uhorahoushika. Yamara, isi ntiyatongojwe umuriro mu gihe ca Yohana; vyumvikana ko ariikintu gitegerezwa kuzoshika mu nyuma. Igihe yaza ubwa mbere, nta kindi yakozeatari ukuvuga ubutumwa; ubwa kabiri a -azovuga ubutumwa n'ibitangaza vyasezeranywe na YesuKristo. Ni uko Ubu rero, turabe neza ingene uyo muvugishwa ategerezwa kuzaazoba ameze.

Turazi tudakekeranya rero ko uwo mumalayika w'igiheca nyuma c'ishengero yavuzwe kuva mw'Isezerano rya Kera, ariko si ko vyagenzeku bandi bamwitangiye imbere. Paulo, Irénée, n'abandi, ntibari baravuzwe mbere.Ariko iki gihe ca nyuma, ari co c'iherezo, c'umuhero w'isi, kizoba ari igihekidasanzwe (kandi kiri aha imbere yacu), ku buryo umumarayika w'iki gihe yariyaravuzwe mbere mu Vyanditswe vyose kuva mw'Isezerano rya Kera, ko azoza ikigihe kigiye kurangira. Ni Eliya, uwarobanujwe amavuta mu buryo budasanzwe.

47 Ubu rero, muragabe! Eliya azoba ameze gute? Ubwambere, azoba ari umuvugishwa ahambaye, adaca kubiri n'Ijambo ry'Imana, kukoEliya na Yohana bari abizigirwa. Ni ivy'ukuri! Azokora ibimenyetso n'utwumiza,azogarukana imitima y'abana ku kwizera kwa ba se bo kuri Pentekote. Azokwankaamadini nka Eliya. Ni ivy'ukuri, azoyanka. Ndibaza ko ivyo ari ho bigitangura,kandi harageze ko aza. Azokwanka amadini! Eliya yarayanse, kandi Yohana na wenyene, yaranka amadini.

Yohana yaravuze ati : "Mwoye kwiyumvira mu mitimamuti : Dufise Aburahamu, ni we sogokuruza. Bafarisayo n'abasadukayo, mwa banab'inzoka mwe! Mwa nzoka mwe mwinyegeje mu vyatsi," mu yindi mvugo. Kukondababwiye, ko muri aya mabuye, Imana ishobora kuyavyuramwo abana ba Aburahamu.»

Eliya yavuze ati : «Barazimiye bose, bose atan'umwe avuyemwo! Nta wundi asigaye atari jewe!» Oh!

Azokwanka kandi abagore batagira imitima, nk'ukoEliya yanka Yezebeli, Yohana na we akanka Herodiya. Si vyo? Abo bavugishwa ukoari babiri bari bafise impwemu imwe. Baranka amadini, baranka

abanyendini.Baranka kandi abagore batagira imitima kandi b'ishirasoni. Hari ikintu mumpwemu yari muri bo casemerera kirwanya ivyo bintu. Yezebeli yarondeye guca umutweEliya, Herodiya acisha umutwe Yohana.

48 Uwo muvugishwa azoba akunda ubugaragwa, nk'ukoEliya yibana mu bugaragwa. Na Yohana yaribana mu bugaragwa. Kandi turazi kon'ubu azoba ari Eliya. Ni uko.

Uwo muvugishwa ntazokwigera aca kubiri n'Ijambo ry'Imanary'ukuri. Ego, azorigumya, azogumya Ijambo ryose ryuzuye. Kugira ashike kuki?Kugira ngo agarukane ukwizera nk'uko kwari (mw'ishengero ry'i Efeso) hanyumabakagenda baraguta uko ibihe vyagiye birakurikirana, kugira ngo agarukane ukwizera mw'ishengero rifise «Urugirwuguruye» imbere yaryo maze rikarushibura!

Ntazoba ari umuntu yize. Eliya w'i Tishubi ntiyariumuntu yize. Yohana ntiyar'umuntu yize. Muri Luka 1 : 67, Bibiliya ivuga iti koyari… «Aba mu bugaragwa gushika ku musiyerekeweko Abisirayeli.» Ni ivy'ukuri. 1… Ni muri Luka 1:67 gushika ku murongowa 80, namba mushaka kuhandika.

49 Uwo muvugishwa azoba kandi ari umuntu afiseinyifato ihindagurika. Inyuma y'igikorane gihambaye, nta muntu yashoborakwegera Eliya. Yaciye mu bihe bigoye. Amaze kumanura umuriro uvuye mw'ijuru noguturira ibicaniro vya Bayali, yaciye ahungira mu bugaragwa maze aravuga ati :«Mwami, sinduta ba sogokuruza, ntabara unkureho.» Mbega si vyo? (Kandi Yohana…)Aca -aca yicara munsi y'igiti c'umurotemu, none ehe inyuma y'ico gikorane gihambaye,yariko yisabira gupfa.

Yohana, bamuterera mw'ibohero (wa mugore mubi),yaricayeyo maze atangura kugira umubabaro. Ndibaza ko ari Pember canke uwundiyavuze ati : «Ari mw'ibohero, amaso yiwe ntiyari akibona neza!» Yarungitsebamwe mu bigishwa biwe.

50 N'ubwo vyari bimeze gurtyo, ni we yari yaratangajeati : «Ng'uyu umwagazi w'intama w'Imana ukur'icaha c'abari mw'isi!» Yohana yari yarabonye inkingi y'umuriro iri hejuruyiwe, yururuka nk'inuma maze ikamugumako. Ivyo vyose yari yaravyiboneye aravugaati : «Ng'uyu Umwagazi w'intama w'Imana!» Yari yaravuze ati : «Ni jewe nkeneyekubatizwa na we, none uje ngo nkubatize?»

Yesu yaramwishuye ati : «Reka tubikore.»

Ariko igihe bamushira mw'ibohero, ntiyatevyekwihebura! Vyari bikomeye kandi vyari bigoye ko yigumya. Ni ho rero, yaca avugaati : «Genda mumubaze ko ari wa wundi akwiye kuza, canke ko dukwiye kwitegauwundi.» Ni vyo nyene na Eliya yari yakoze, neza na neza.

Murabona ko yari umuntu afise inyifatoihindagurika. Ni co gituma tumwumvira impuhwe : turazi ingene bimeze!

51 Rero, rero ku…I -Ishengero, mu kwigaragazakwiwe…Vyoba vyiza uwo ndamuretse. Mu kwigaragaza kwiwe, I -Ishengero…Uyo Eliyaahambaye, Imana izoturungikira niyimenyekanisha nk'uko umwe wa kera yabikoze;muri ico gihe, ishengero rizoba rigira ricungurwe, nk'uko ryacunguwe kerarikurwa mu maboko y'abapagani. Mbega si ivy'ukuri? Muri ca gihe nyene Eliyayaza avuga ati : «Turaja kwerekana Imana iyo ari Yo!», ni ho yabohoraishengero. Ni nako nyene Yohana yavuze abonye Yesu, ati : «Akwiye gukuzwa nanjenkagirwa muto.» Yohana atangura kuvuga ubutumwa, maze baca bamumenya gatoyaimbere y'ukuza kw'Umwami. Ukwo kugaragara kwama kuza kw'iherezo. Ni uko!

52 Twabonye ko Eliya yategerezwa guhagararira ikigihe c'Ishengero. Kugira ngo nerekane ko yari Eliya... Eliya amazekuvugishwa...Eliya ntiyarinze gupfa, yarazamuwe maze atwarwa mw'Ijuru : cariikigereranyo c'ishengero ry'iherezo, c'uwo Eliya agiye kuza. Ku mpera y'igiheciwe, Ishengero rizozamurwa ritarinze gupfa. Rizoba ari izamurwa! Ndizera kouwo Eliya akomeye agiye kuza azoba ari Eliya yarobanujwe amavuta nk'ukovyavugishijwe ko azoza mu gihe ca nyuma. Amen! Ndizera ko igihe azozira, azobaari umumarayika canke intumwa kw'ishengero ryo mu gihe ca nyuma (abantubashibuwe kandi bononekaye, uko ni ko ishengero rizoba rimeze, kandi nikorimaze kumera!). Ndizera ko twasezeraniwe Eliya muri Bibiliya. Ndizera kodushobora gutahura yuko Eliya ari we, ategerezwa kuza muri kino gihe ca nyumank'uko Bibiliya ibivuga. Muravyizera?

53 Dusome rero iki cete candikiwe Lawodikiya, mazeturabe ico Umwami wacu ashaka kukitubwirako kuri uno mugoroba. Igihe caLawodikiya. Ni uko! Ivyandikiweishengero n'umumarayika w'Ishengero riri i Lawodikiya...

….Ku mumalayikaw'Uhoraho

Ni umurongo wa 14 w'igice ca 3 c'IvyahishuriweYohana.

Wandikir'umumarayika w'ishengero ry'i Lawodikiya,ut'Uwiyita Amen, icabona co kwizigirwa kandi c'ukuri, inkomoko y'ivyaremwen'Imana, aravug'ibi...

Oh, bagenzi! Dufise intuze yose… iyo tuba twogumyekuri ibi ijoro ryose, mbega ukuntu Umwami yari

gushobora kuduhishurira ibibintu! Nimwumvirize!

Uwiyita «Amen» ni uwa nyuma yagiye agaragara mu buryo butandukanye mu bihe vyagiyebikurikirana ariko ngaha, n'igihe ca nyuma c'ishengero, kandi havugwa ngo : «Ndi…Ni iherezo, ndi Uwa nyuma!»

54 Kandi kugira ngo yerekane ko ari n'Uwa mbere, kukoni ko yari, avuga ko ari «inkomoko y'ivyaremwe n'Imana.» Oh, ivyo murabitahura?Vyoshoboka gute ko Imana iremwa kandi ari impwemu? Vyoshoboka gute? Ni -ni ihoraho?Ntiyigeze iremwa, ntizigera iremwa kuko ar'Imana. Ariko Uwuri «inkomoko y'ivyaremwe n'Imana» yariYesu Kristo igihe yerekanwa, Imana iri muri We. Ni We kurema kw'Imana!Murabibona : ni Uwa mbere n'Uwa nyuma, uwiyita Amen, inkomoko y'ivyaremwen'Imana. Murabitahura? Igihe Imana yiremera umubiri yaramanutse iza kuba muriwo : ni inkomoko y'ivyaremwe n'Imana. Murabona? Mbega ukuntu atangaje?

55 Tugitangura, twarabonye ko yari yahishuye Ubumanabwiwe ngaha nyene : «Ndi Ishobora vyose! Ndi Iyamyeho, iriho kandi igira ize,Isumba vyose!» Vyabwiwe Ishengero rya Efeso incuro zitatu. Mbega si ivy'ukuri?Hanyuma arabandanya gushika ku gihe ca Lawodikiya, maze akavuga ati : «Ndiuwiyita Amen. Nari uwa mbere hariya kera, ubu rero ngaha, ndi uwa nyuma. Kandindi inkomoko y'ivyaremwe n'Imana. Mu bihe vyose muzogenda mucamwo, muzomenya kondi Imana; Imana iremwe mw'ishusho y'umuntu. Ndi inkomoko y'ivyaremwe n'Imana!»Amen.

Ng'ivyo ivyategerezwa gutuma n'Umuperesipiteriyanoavuza akaruru! Ni mwiyumvire rero! «Inkomoko y'ivyaremwe n'Imana.»Rero, jewe…Oh, mbega ukuntu ivyo ndabikunda : «Ivyaremwe n'Imana»; igihe Imana yaremwa,igihe Imana yambara umubiri muri Yesu Kristo maze ikabana natwe!

56 Rero -rero, umurongo ukurikira wategerezwa kubaurimwo ivyo kubashima (nk'uko bimeze ku yandi mashengero), ariko nta co yigezeashima kuri iri Shengero. Afise ico arigayako, ariko nta co afise arishimako.Nta kintu na kimwe yari gufatirako ngo ashime iki gihe ca Lawodikiya. Uravyeuko uwo muco bari barakiriye wangana maze bakaba baranse kuwakira nta na kimwebari bakwiye gushimwako! Ico yari afise nticari ico ashima kuri iryo shengeronticari ico arishimira.

Ubu rero, nashaka gusoma imirongo ya 15 na 16:

«Ngo ndaziibikorwa vyawe, yuk'udakonje kandi ntubire. Icomp'ugakonja cank'ukabira! (mu yindi mvugo, "Nti-ntimube akazuyazi")

nukorero kuk'ur'akazuyazi, udakonjentubire, ngira ndakudahwe.» (Hmm!)

Kwigisha…Mbega ivyo ni ivyo arishimyeko? Ni icoagaye kuri iki gihe kitubaha Imana ca Lawodikiya, ari co kibi gusumvya ibindivyose. Abandi bose baciye mu mibabaro, nta co bari bafise, bari bakenye,bayerera bambaye insato z'intama n'insato z'impene, ata co bafise, bakerezwainkero, bagaturirwa, bakagaburirwa intambwe, n'ibindi, ariko bazigama ukwizera.Ariko iki gihe «kiratunze kandi nta co gikenye, n'ibindi.» Ni maraya! Niivy'ukuri!

57 Aha turaja kuhakura icigwa gihambaye; ndizigira koUmwami aja kudufasha. Ya -Yaravuze ati : «Nuko rero kuk'ur'akazuyazi, udakonjekandi ntubire, ngira nkudahwe.»

Ni nk'amata, murabona. Ikirahuri c'amata akanyekiratemba neza umuntu. Si vyo? Amata ashushe aratemba neza umuntu. Ariko amatay'akazuyazi azotuma mudahwa.

Ndibuka igihe kimwe ku mugoroba nari ndwaye, ndi ku nkombe y'uruzi (harahezenk'imyaka mirongo ibiri n'itanu). Naba mu kazu kari hejuru y'amazi. Narinarwaye. Muramwanje yaciye anjana ku muganga yitwa Isler, uyo na we arambazaati : «Ni ibiki?»

Nti : «Numva mfise iseseme!»

Aca arambwira ati : «Uranywa ikirahuri c'amatay'akazuyazi.» Oh, bene Data! Ayo mata y'akazuyazi yatumye nyorwa maze aca atumaivyari vyuzuye mu mushishito vyose ndabidahwa.

58 Imana ivuga iti : «Vyoba vyiza ubize, ukarungurarwose canke ugakonja; kibe kimwe muri ivyo! Ntube akazuyazi, kuko utuma ndahwa.»

Ni kwo iki gihe c'Ishengero kimerera Imana, kiyitumaidahwa! Murabona? "Mwo kimwe ube…Ntube… Mwo-…ntube intuze…mwo kimwe ube umurirourunguye canke… Ntube akazuyazi! Akazuyazi canke ubire, kuko utuma ndahwa!»

Ugukonja kw'ishengero ry'Abangilikano ryo mu giheca John Wesley kwatumye aja kugirisha ibikorane ahandi, kuko ryari rikanyekandi rikonje.

Ugukonja kw'ishengero ry'Abametodiste kwatumyeWilliam Booth aba umwe wo mu ngabo z'agakiza yashushe akarungura. Imanayaravuze iti : «Utihanye, nzokura itara mu kibanza caryo. Nzorikuraho mazendarihe uwundi muntu.» Ni co gituma, igihe ishengero ry'Abametodiste ryankakwakira Ubutumwa

bw'ukwezwa bwazanywe na John Wesley, William Booth yaciye ubwonyene ahagurukana n'ingabo z'agakiza aca arabandanya. Ni ivy'ukuri. Kubera iki?Kuko abametodiste bari bagize idini! Ni ukuri! Babuhinduye idini, kandi Imanairavuga iti : «Ivyo ndavyanka!»

59 Nuko rero intuze… William Booth aca araza azanyeikanguro, maze yifatanya n'abo mu Ngabo z'Agakiza, na bo baciye bakora iki?Bakoze kwa kundi nyene! Barasubiye inyuma maze bakora idini! Inyuma yiwe hajeaba cambeliste ariko ntibamaze igihe, hanyuma haca haza John Smith azanyeivy'Ababatiste; hanyuma y'ivyo haciye haza abitwa Abanazareye, maze inyumay'Abanazareye haje Abapentekote.

None Abanazariyano bakoze iki? Ikanguro ryabobarihinduye idini!

None haciye hakurikira iki? Ryavuyemwo amashamiabiri, Ishengero ry'Imana, n'ayandi. Bakoze iki? Bagize idini, maze Imana icairabaheba.

Hanyuma y'ivyo, Abapentekote bazananye umugishaw'imvura y'urushana, hanyuma baca bakora iki? Bakoze idini, maze Imana icairabaheba. Ni ukuri!

Ubu rero, tugeze kw'iherezo, kandi mu kanya gatomuraja kuronka ikintu vy'ukuri gikomeye. Neza cane.

60 Ashaka ko muba mushushe murunguye, canke -canke mukabamukonje; kimwe muri ivyo. Ntimube akazuyazi! Ntimwifate nk'abafise ikintu kandiata co mufise; nimururumbire Imana, canke musubire mu -mu -mw'idini. Ntimubeakazuyazi!

N'ubu nyene ni ko bimeze! Ivyo nyeneni vyo vyashitse mu…muri aya mashengero, ngaha. Ashaka ko mubira canke mugakonja.Ntashaka abari akazuyazi. Aho ni ho abapentekote bageze, mu bukonje. Rimwe narimwe, baravuza piyano maze bakajanisha n'ingoma nkeya maze bakinezereza bavuzaakaruru gusa; iyo bamaze umwanya bavuza umuziki, umuntu umwe aca ahagurukaagatangura…murazi, nko kuvuga ati : «Umwami ahimbazwe! Haleluya!» Uh-huh. Mazewa muziki ugahera buhoro buhoro... «Uh, uh, uh, uh,» bikaba birangiye. Oh, ivyobituma isesemwa ! Murabona ? Uh-huh. Ni uko !

61 Nta bintu bihambaye bikiriyo, nka -nk'ikanguroribiragira riza kuri bo, ariko ahubwo muri ayo mashengero huzuyemwo utugenegene,murabona, kuko batunze, oh ego ! Barakorana, bakora ibikorane bikomeyen'ibindi. Ni ivy'ukuri ko bagize ibihe vyiza muri ayo mashengero, ariko ubu,vyose bapfa uko babikoze, kandi nta muriro wa Mpwemu Yera ukirimwo.

Raba ukoavuga hano, murabona :

«Ngo ndazi ibikorwa vyawe,… k'udakonje kandintubire. Icompa ugakonja cank'ukabira !

N'uko rero kuk'ur'akazuyazi, udakonje ntubire, ngirankudahwe !» (Murabona ?)

Aravuga ati : «Noshima ko ukonja canke ukabira. Kukoatari ko uri, birakwiye ko nda -ndaguta nta bindi ! Birakwiye kondakudahwa.»

62 Bafise amahera menshi, barafise inyubakwa nininini, bafise amashirahamwe akomeye abandanya atera imbere, ariko nta muriro waMpwemu Yera bafise. Barafise ibikore-… u -uburyo bwo gukora. Oh, bagenzi !Bashizeho ishengero ryunze ubumwe. Bafise inyubakwa nini nini cane ziruta izobigeze kuba bafise, kandi ivyo bakora bigenda neza ; ariko nta Mpwemu Yerabafise ! Murabibona ? Yamara, ico Imana yari yararungikiye Ishengero yariMpwemu Yera.

Tubandanye kuri uwo murongo wa 16.

Bafise amakomite y'uburyo bwose. «Oh, dufiseuburyo bwiza bwo gukora. Ishirahamwe ryo gufasha abatamakazi, n'i -igiteramo cogukina ikarata ku bakiri bato, na -n'urukino rwa Lona ruba ku wa gatanu kumugoroba, n'u -umupira w'amaboko wo ku w'iyinga inyuma y'umutaga, na, oh, umukino wa baseball, n'ibindin'ibindi. Kandi, oh, turafise kandi i -igiteramo c'ikiyago ku bagabo. Oh,turafise ibintu bitandukanye!»

63 Ndababwiye, iryo shengero ryuzuyemwoamashirahamwe, imigwi, amanama n'ivyo mushaka vyose, mufise uburyo buhanitsebwo gukora ariko nta bushuhe mufise buva kuri Mpwemu Yera. Murabona, mufiseuburyo bukomeye mukoramwo, ariko nta na kimwe mufise co kubushusha. Mwotaumuriro w'isi, ariko ntimwota uw'Imana: ni co gituma muri akazuyazi.

Kandi mufise abanywanyi benshi mutari bwigere muronka ! Ababatiste bavuze bati: « Ni ukuri, mukunzi ! Mu 1944, hiyongereyeko umuliyoni ! » Ariko -ariko ivyovyose ni ibiki ? Uburyo bukomeye bwo gukora !

Muri iryo shengero nyene ni ho numvise basaba guhagarika igikorane iminota cumin'itanu kugira bahe umupasitori, abadiyakoni n'abandi, akanya ko gusohokakunywa agatabi. Murabibona ? Ngaho aho bageze. Nubwo bimeze uko, ivyo Bibiliyairabicirako iteka vyukuri ! « Umuntuniyonona urusengero rw'Imana,

Imanaizomurandura… »

64 Abaganga barabuza kunywa itabi. Bavugango : «Riratera kanseri cane.»

Ariko iyo twumvirije iradiyo,twumva ngo : «Akayungiro k'umuntu yiyumvira.»

Nk'uko Billy Graham yabivuga ati : «Uwiyumvirank'uko aba ari igipfu.»

«Akayungiro k'umuntu yiyumvira...» Umuntuyiyumvira vyukuri ntanywa itabi! Araryiyubarako. Ariko babwira abagore koribatuma bonda maze bakaba boshobora kwambara mwene izo mpuzu zigezweho. Kandiivyo bituma bagurisha itabi! Abagore ni bo banywa itabi ari benshi kurushaabagabo. Kandi ubu abagore basumvya incuro zitatu abagabo kunywa itabi. Niukuri kutagabanije. Ni kubera ko bashaka kuvyibuha bigereranye. Ntibatahura koari igituntu na kanseri biba bitanguye guseruka bibatuma baba gurtyo kandi kouwo mwanda ubinjiyemwo ubakorogoshora maze ukabica. Nta kindi atari ikibicoshobora kuva muri ivyo! Ni ivy'ukuri! Murabibona? Hanyuma abo bantu na bobavuga bati: «Ni -ni akayungiro k'umuntu yiyumvira.» Hah! Oh, bagenzi!

65 Mwovuga muti : «Oya, mwene Data Branham, ivyosindavyemeye! Turafise ibikorane bikomeye! Raba ivyo Billy Graham yakoreye mugihugu cose!» Oh, ni ko, bakoresha uburyo buhanitse, bafise abavugabutumwabahembwa n'abarongora indirimbo bahembwa.

Ego, barahemba abavugabutumwa babo! «Nozakugirisha ico gikorane c'ikanguro, mwompemba angahe? Erega mudashoboye kumpaamadolari ibihumbi bingana gurtya, sinzoza! Ni nde muzoha akazi ko kurongoraindirimbo? Ako kazi muragaha kanaka, ni umucuraranzi akomeye! Nimumuhe akazi…Wenyene azotuma haza igice c'abuzura iyi nzu!»

Abacuraranzi bahembwa! Abavugabutumwa bahembwa!Ivyo bigeze aho kubohoza ubugingo vyacitse urudandazwa. Kubohoza ubugingo, siigikorwa c'ishengero, ni igikorwa ca Mpwemu Yera agaragaza ubushobozi bwiwemw'ishengero. Kubohora ubugingo ni igikorwa c'Imana, ivyo ntimubigura amahera!Haba namba! Oya, mushingantahe! Oya! Ivyo vyose, ni ibikorwa, ibikorwa,ibikorwa! Abo bavugabutumwa bahembwa,abo barongozi b'indirimbo bahembwa, abo baririmvyi bahembwa n'ibindi! Ivyovyose Imana ntibikeneye, ni ibikorwa! Imana ntishaka ibikorwa, ishaka ko MpwemuYera akorera muri mwebwe. Ni ivy'ukuri!

66 Umurongo wa 17 uvuga uti:

«Kuk'uvuga, uti Nd'umukire ndatunze kandi nta co nkenye;ntumenye yukw'ari wewe mutindi,(Oh!)… ntumenyeyuko ari wewe mutindi,… wafutanye,… ur'umworo,… ur'impumyi, ugenda amenya.» (Hmm! Hmm!)

Bibaza ko "batunze," abo Bapentekoti bo muri ayomashengero yo mu gihe ca nyuma. Bibaza ... mu biboneka baratunze! Ni vyobaratunze! Nimwiyumvire akanya gato kuri iryo shengero, ukwo ryari rimeze mumyaka ishize, bakoranira ku mabarabara, nta na hamwe babemera, baca mu bihebigoye. Ariko ubu, bafise zimwe zimwe mu nyubakwa nini nini zibaho.

67 Raba uko amashengero yitwa Amashengero y'Imanayari ameze : bagirira ibikorane vyabo mu nzu isanzwe yubakishije ibiti imezenk'iyi. Ubu rero, barubaka inzu y'imiliyoni zitandatu z'amadolari! Arikobakavuga bati : «Yesu agira agaruke vuba!» Ibikorwa vyanyu biragaragaza komutavyizera! Ni uburyarya! Bubaka amazu manini aciye amamiliyoni y'amadolarimaze bagakora ibintu nk'ivyo, yamara bakaguma bavuga bati : «Yesu araje vuba!»Nayo ba bamisiyonari iyo bibereye hariya mu bikorwa vyo gukwiragiza Ubutumwa,batagira n'inkweto, abamisiyonari b'ukuri bubaha Imana, batagira n'inkwetokandi barya umuceri kabiri mu ndwi! Barya kabiri gusa mw'iyinga kugira ngobashobore guhunja amashamba bashiriye ubutumwa bene wabo! Hanyuma natwetukubaka inzu z'imiliyoni zitandatu z'amadolari n'amasengero afise ibiyo bininibinini n'ibindi, maze ayo mahera yose tukayashira muri ivyo bintu! Oh, baronkaamahera menshi ku buryo rimwe na rimwe bashinga amashirahamwe yo kugurananaakorera mu mashengero yabo nyene. Ni ivy'ukuri!

Barafise umuganga wo gusuzuma abavugabutumwa babocanke abamisiyonari babo. Iyo umuntu ashatse kuja mu bikorwa vyo kuvugaUbutumwa, muganga aca abanza kumusuzuma, akamusuzuma no mu mutwe kugira ngobarabe ko…canke umuganga w'indwara zo mu mutwe, ngonarabe ko agize…oh, nimbaakwije ubwenge, murabona. Ivyo ni Mpwemu Yera abisuzuma, nta muganga apimaindwara zo mu mutwe mukeneye.

68 «Turatunze, nta co dukenye!» Oh, nta nkeka. Mufiseamahera menshi! Umuntu aravye ku bigaragara, mutunze vyinshi. Mufise amazumanini manini, y'ibiyo, n'ibindi.

Kandi mufise abavugabutumwa b'imvuzi! Oh,ndabibabwiye, ni imvuzi vy'ukuri! Bashobora kumara ijoro ryose bavuga - ata cobavuze! Murabona ? Iyo baje... Aha rero ngomba kuvuga ku bintu bataribakwiye kuvuga. Umwe arahaguruka, agaca atangura kuvuga gatoya kuri ibi n'ibi.Murazi ukuntu bimeze. Bafise

abaririmvyi bahembwa, ni ivy'ukuri,n'abavugabutumwa b'imvuzi. Iyo bahagurutse ngo bavuge Ubutumwa, bakababatashajije bikwiye, bambaye amakoti atagira idebure, n'amakoti maremare, ahorero abaje kubumviriza baca bacika intege.

69 Maze abo baririmvyi baca bashika. Abagore bababimosheje umushatsi nka Yezebeli basize n'amarangi menshi mu maso ku buryoyonashobora gusiga vya bizu bimburiramwo! Maze iyo bakuye ya myambaro baririmbabambaye, baca bambara amakabutura n'impuzu z'abagabo, kandi Bibiliya ivuga iti: «Iyo umugore yambaye impuzu z'abagabo, ni ikizira mu nyonga z'Imana!»Batambuka mw'ibarabara bararitse amazosi ku buryo imvura iguye, bashoboragusoma nturi! Ba Yezebeli b'abanyamayeri, b'inkazi kandi bishira hejuru, ni cogituma ata kanguro dufise, ivyo vyose ni ibintu bapfa gukora.

Oh, barashobora kugira ijwi rimezenk'iry'umumarayika mukuru, ariko Imana izobibabaza! Abo ba Elvis Presleyn'abandi, Ernie Ford, canke uko bitwa kwose, bakoresha amajwi yabo mezabakorera umurwanizi! Imana yaravuze iti : «Nzobibahora.»

70 Igituma nubaha ya mpumyi Fanny Grosby, ni ukoatigeze namba agurisha impano yiwe mw'isi. Yayigumije ku Mana.

Benshi muri abo bantu, abo baririmvyi barurangiranwa, abantu b'imvuzi, abo bantu bakomakomeye n'abandi, hako impanozabo bazikoresha kubw'Imana, umurwanizi yarazononye maze baca batanguragukorera Satani. Abakozi bo kw'iradiyo no kuri Televiziyo barihebeye rwose isi,aho gukoreshereza Imana impano zabo. Bamwe muri bo baja kuririmbiramw'ishengero bambaye ikanzu ndende kandi nziza y'abaririmvyi, hanyuma bukeye kumugoroba, baca bagaruka gutamba za rock'n roll. Ni abami ba za rock'n roll,hanyuma bakiyita abasenzi! Ni umutego w'umurwanizi!

71 Ndazi umuntu umwe, we yari afise n'ubwenge nabukeya -bukeya. Yavuga ko azoba umuvugabutumwa, kandi yategerezwa kuvugaubutumwa ku w'iyinga mu gitondo, arangije aca aja kw'iradiyo kuririmba Rock'nroll n'ibintu nk'ivyo. Amaherezo yafashe ibasitori yirasa mu mutwe. Uwo muntu,ndamwubahira ico kintu yakoze! Ni ivy'ukuri. Ni ivy'ukuri. Ya -yari afiseintuze nyinshi… Yanganije ubwenge na za ngurube, n'imiburiburi, igiheumurwanizi yazinjiramwo, zaciye zisuka mu kiyaga maze zica zisoma nturi. Hariabantu bamwe bamwe badafise n'ubwo bwenge.

Ndazi ko mu…Nda -ndanka gukara nk'uku, ariko, beneData ,bashikanje, birakwiye ko mureka -mureka ibi bikabinjira -bikabinjira mumitwe! Ivyo ni vyo bihe tubayemwo! Ndibaza ko namba Yesu yarise Herode«imbwebwe ishaje», maze Yohana na we akabita «abana b'inzoka,» Ni uko.

72 Bafise inyubakwa nini nini, z'ibiyo,abavugabutumwa b'imvuzi, abaririmvyi bahembwa. Nta nkeka! Ariko muri vyo vyoseharimw'iki? Nta kirimwo kiva kuri Mpwemu Yera! Baraza kuririmba mu mugwiw'abaririmvyi, ariko mw'ibarabara, bakambara amakabutura. Mwa ndyadya mwemwafutanye! Ego, mushingantahe. Koko.

Namwe bavugabutumwa, mwanka kuja ahantu hamwemukaja ahandi kuko bababahaye amahera menshi! Ntimugira isoni! Ntimubereye noguhagarara ahavugirwa ubutumwa. Amahera! «Mudashoboye kuduha amadolari ibihumbiibi n'ibi ntidushobora kuza. Abajejwe inyubako bacu -bacu -bacu n'abandibazoza, nimwegeranya ayo mahera, tuzoza. Mwese nitutashobora kwumvikana nezasinzoza. Amashengero yose atumvikanye rwose kugira ndonke amahera akwiye yokuriha imyenda yanje yose, sinzoza!»

Bene Data, uko vyomera kwose, umuntu w'Imananyakuri azogenda iyo Mpwemu Yera amurongoye nubwo vyoba ngombwa azokwemera aryeibisuguti vyumye anywe n'amazi yo mw'irobine. Ni ukuri, uwo ni we mukoziw'Imana nyakuri.

73 Ariko abantu bibohesha ibiganiro bica ku maradiyono ku matelevisiyo n'ibintu vyo mw'isi vy'ubwoko bwose, gushika aho basigayebafise amahera menshi y'isi. Ni ukuri kwuzuye! Ivyo ntibiva ku Mana.

Yavuze ati: «Ndi umukire kandi ndatunze, kandi ntaco nkenye!» Koko! Ariko ikintu nyene mwari mukeneye, ntimugifise. Ni ivy'ukuri!Ariko ntimubizi. Murabibona! «Nd'umukire, kandi nta co nkenye. Ivyo bakorabarabihemberwa kandi bagakina akamari. » Muravuga muti : «Dufise amakoraniromanini manini!" Oh, nivyo koko. Ego, mushingantahe. "Amakoraniro manini arutaayandi! Kuki -kuki, murazi, umukuru w'igisagara asengera i wacu." Um-hum. Ivyoni vyiza. "Neza, murazi, naka nan aka, iyo baje mu gisagara, basengera iwacu."Um-hum. Mw'ishengero ryacu, abantu bose ba rurangiranwa ni ho babarizwa.»

Iyo umworo n'umukene baje mw'ishengero i wanyu,baba babaye icagirizi kigaragara. Ntimubashaka! Mutinya ko hagira uwuvuga«Amen!» mu gihe muriko muravuga ubutumwa.

74 Bimeze nk'inkuru nasomye zerekeye umugore umwe.Yari yarereye abana biwe mw'ishengero rimeze nk'amwe ya kera, ryari mw'ishamba,ahantu hari abantu bubaha Imana vy'ukuri. Kubwivyo i… Umusi umwe, umuhungu umweyaraje yabira umukobwa wiwe. Yavuga ko basangiye idini, ko na we asengeramw'ishengero rinini ryo mu gisagara. Yari yabwiye nyina w'uwo mukobwa ko ari Umukristo.Aca arongora uwo mukobwa maze aramutwara.

Baca baruhira kumukura muri iryo shengero ritoyaryo mu misozi kugira ngo bamuzane muri iryo shengero rinini kandi ryiza ryitwauko nyene; ariko hariya mu misozi, bari bafise Mpwemu Yera; mu gisagara ho ntaco bari bafise. Baca baja rero muri iryo shengero rinini kandi ryiza.

75 Umusi umwe, nyina amenyesha umukobwa wiwe ko azozaku -kumuraba. Abana biwe baca bibaza ingene bari bumugenze. Umubonye, yasa naba bantu ba kera! Yari yambaye mwene za kanzu zifunze ibifungo kuva hasigushika mw'izosi, murazi, zifise n'amaboko maremare; ukuntu yari yafunzeimishatsi yiwe wogize ngo ni igitunguru. (ifungiwe inyuma, murazi). Ashitse iwabo, aca atangura kuvuga ati : «Haleluya, bakundwa! Mumerewe gute mwese?‟ Acayongera avuga ati: ″ Ejo mu gitondo ni ku w'iyinga‟ Avuga ati, ″ Mwese muzojamu gikorane, si vyo?»

(Maze umugabo aca avuga ati : «Tuzomugira gute?‟Avuga ati, ″Ntidushobora kumujana hariya ameze nk'uko!‟ yongera ati: ″Vy'ukurisimbona ico twokora.») Aca avuga ati: ‟Mama, hari ikintu nagomba kukubwira,twebwe...»

‟ Oh, ″ aca avuga ati, ‟ariko, mukundwa,sinshobora gusiba gusenga. Nta nkeka ko aha hafi hari ishengero iri n'iri.″ ‟Oh,″we…aca avuga ati…Avuga ati, ‟nabonye rimwe hariya kw'ibarabara, nzojayo.″

(Aca avuga ati:«Ko ari uko, bizokenerwa ko tujayo.»)

76 Barahavuye rero baragenda. Baca baramureka aba ariwe abanza kugenda, kuko yabatera isoni. Aca arajabuka ibarabara yambaye zampuzu zitari zikigezweho, na Bibiliya yiwe mu kwaha. Bene Data, kumbure koizina ryiwe ritari ryanditswe mu gitabo c'abantu ba rurangiranwa, ariko ndibazako izina ryiwe ryari ryanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama.Ico ni co cari gikuru.

Yaciye yinjira mw'ishengero maze yiyicarirainyuma; aca arugurura Bibiliya yiwe, atangura gusoma. Abantu bose batanguraguhindukira bibaza iyo uwo muntu asa n'aba kera avuye. Bahindukira nk'uku,bavuga bati : «Ewe ga ye!» Uravye impuzu nziza, n'amakanzu yabo meza, murazi,yari Lawodikiya yibereye aho, n'impuzu zabo nziza nziza. Barahindukiye kurabauwo mugore yicaye inyuma, ariko yisomera Bibiliya yiwe, akeye mu maso, murazi.Egome.

77 Bahejeje ivy'intangamarara vyose, umwungere yariasigaranye gusa iminota cumi n'itanu yo kuvuga ubutumwa. Aca arahaguruka mazearavuga ati : «Umwami ni mwiza.»

Buno, wa mugore ati : «Imana ihimbazwe ! Niivy'ukuri! Haleluya!» Abantu bose baca barahindukira, bararika izosi nk'imbatabibaza bati : «Uyo ni nde?»

Hanyuma haciye akanya, agira ati: «Uhm! Uhm! Uhm!» Aravuga ati : «Igihe cose, Abakristobeza kandi b'intore bategerezwa kugira umwete,» canke ikintu nk'ico.

Aca arasemerera ati : «Imana ishimwe! Niivy'ukuri!» Bose bongera guhindukira.

Nawe yongera ngo : «Uhm!» araba igitsureabadiyakoni.

Vyatevye abadiyakoni baratahura. Baca baja iyo wamugore ari inyuma, bamufata ukuboko bamutwara hanze bamubwira ati : «Urikouraciramwo umwungere.»

Mwarapfuye, kandi ntimubizi! Ego! Ayo mazu agizwen'ibiyo n'izo ntebe nziza nziza zibamariye iki? N'ayo makoraniro yanyu yosemanini manini amaze iki? Muriko mugana i kuzimu, nk'agakoko kigiriye mu mwobo!Kuko iyo mudafise Mpwemu w'Imana muba mwarazimiye! Mutavutse ubwa kabiri,ntimushobora kubona Ubwami bw'Imana!

Ni ikintu kigoye kwakira! Ni nk'igihe nahora mfataamavuta ava mu giterwa citwa ricin. Nama mvuga nti : « Mama, sinshoborakuyihanganira!»

Yaca anyishura ati : «Ivyo bitakurwaje, nta cobizoheza ngo bikumarire.» Ndibaza ko ari na ko biri muri ibi bintu.

78 Oh, uramutse ugomvye kuvugana na bo! Oh, bafise inyubakwa nziza nziza kandinini nini, n'ibindi. Oh, ba -ba -ba… Ugiye aho basengera maze ukababaza uti…Ujekw'ishengero ryabo uvuge uti : « Ndababwiye, mbega muri Abapentekoti?»

«Oh,ego, koko, turi Abapentekoti.»

«Murizera ukuvuka ubwa kabiri?»

«Ego.»

«Rero, hari ico nagomba kubereka…»

‟Oh, itegereze iyi nyubakwa! Urazi inyubakwa…ayoiyi nyubakwa yatwaye? Ibihumbi amajana indwi na mirongo itanu vy'amadolari!Murazi, kera ivyo ntitwari tubifise. Twa -twaja kuvugira

ubutumwamw'ibarabara!» Um-hum, aho uravye hose, ubona ivyo bintu bihambaye bafise. Ego,mushingantahe. Kandi bavuga bati : « Oh, tu -turafise ibi bintu vyosebikomakomeye !» Ariko nta mutwaro w'ubugingo bwazimiye bafise ku mitimayabo! Bama bashaka kuberekainyubakwa bafise uko zingana. «Nimurabe igitabo twandikamwo abana bo mw'ishureryo ku w'iyinga ukuntu ari kinini!» Ivyobifasha iki namba ata Mpwemu Yera bafise? «Nd'umukire, ndatunze kandi nta conkenye.»

Ni kubw'ivyo yavuze ati : «Ni vyo mwibaza, arikontimuzi ko muri abatindi, mwafutanye, muri aboro, muri impumyi kandi mugendaamenya. Ntimubizi!» Murabibona! Uko ni ko biri!

79 Nta nkeka baravuga bati : «Murazi, agasengerotwari dufise kera hariya ni ko gasigaye ari uru rusengero runini!» Ariko nk'ukondabibabwiye, nta bugingo bitwararitse, ariko ico bitwararitse ni ukugira nezainyubakwa zabo nini nini! Ugufashanya hagati y'abagore n'ibindi, ni vyiza kobavyitwararika, ariko nta bugingo bw'abantu bitayeho! Oh, mbega ukuntu iryoshengero ryaguye rikagera ahantu habi!

Ntibari bitwararitse imitima, ariko baribitwararitse ubutunzi bwabo. Ni ivy'ukuri! Bari bitwararitse ibitari vyo. Baribitwararitse ubutunzi bwabo, ariko ntibari bitwararitse ubugingo bwazimiye.Ivyanditswe bivuga biti : «Ntibari bazi ko ari abatindi, (Oh!) bafutanye,impumyi!»

80 Bibaza ko bazokwegeranya amahera mazebagahindukiriza ab'isi ku Mana. Oh, iyo tuba twoshoboye gushiraho integurokugira ngo turonke amahera menshi, ndibaza ko twoshobora guhindukiriza ab'isiku Mana! Mwene Data Branham, iyo tuba twoshoboye kuvyumvisha bamwe bamwe mubatunzi bo mw'ishengero ryacu, ndibaza ko twoshobora gushinga ishirahamwerishobora -rishobora gushika hose maze-maze rigahindukiriza kuri Kristo abari kw'isi yose. Twofata indege, mazetugakwiragiza ibitabo ku butaka bwa Afrika bwose maze tugakora ibintu nk'ivyo.Iyo tuba twari dufise amahera na makeya.»

Bene Data, amahera si yo azotuma ab'isi bahindukirira Imana. Isiizohindukirizwa ku Mana n'Ubutumwa bw'ubushobozi buva kuri Mpwemu Yera, kandiumusaraba ni co kintu kizohindukiriza ab'isi ku Mana. Integuro y'Imana, siamahera. Ni Mpwemu Yera! Ng'iyo integuro y'Imana ifitiye iki gihe c'ishengero rya Lawodikiya, mbere no ku bindi bihevyose vy'Ishengero. Ego, mushingantahe.

81 Ico bakeneye, ni Mpwemu Year. Bavuga bati : «Turi…turafise izahabu!» Koko niizahabu, ariko si izahabu nziza. Bari bafise izahabu nyinshi, ariko ntizarinziza! Ni co gituma Yesu yabakariye avuga ati : «Kuk'uvuga, uti Nd'umukire,ndatunze kandi nta co nkenye,‟ Ariko:

Ndakugir'inama, ungurekw'izahabu yakuwekw'inkamban'umuriro...

izahabu idasanzwe, izahabu yakuweko inkamba n'umuriro w'itanure, yaciye mumuriro w'urupfu, yaciye i Karuvariyo maze igakurwayo.

82 Nyinshi muri izo zahabu mufise ubu zaracuye,zigiye kwononekara maze zigwe ingese. Namba mushaka kuvyandika, ivyo biri muriYakobo…Yakobo Mweranda 5 : 1gushika kuri 4; aho rero, muraja gutahura ico ivyobisigura, ngo : «Enda rero, yemwe batunzi, ni murire muboroge kuko mugiramufutane. Ubutunzi bwanyu buraboze, impuzu zanyu ziriwe n'inyenzi!» Murabona, ng'ubwoubwoko bw'izahabu ibora.

Ariko izahabu Yesu atanga, ni Mpwemu Yera, amavutaakayangana nk'izahabu ya Mpwemu asuka mu mitima yanyu. Kandi -kandi, oh,bagenzi, araduha impanuro ati : «Ndakugira inama, ungurekw'izahabuyakuwekw'inkamba n'umuriro, ubone kuba umutunzi.» Oh, ego!

83 Kandi bari "impumyi."Kuba impumyi ni ukumererwa nabi! Ariko ndibaza ko abo bakristo aho kubaimpumyi, bari barwaye indwara yo kutabona ibintu biri kure. Ndibaza ko baribarwaye indwara yo kutabona ibiri kure. Ibintu bashobora kubona gusa, yariamakoraniro yabo manini manini, imigwi yabo myiza myiza y'abaririmvyin'amakanzu yabo meza yo kuririmbiramwo n'ibindi vyose. Ndibaza ko bari bagwayegusa indwara yo kutabona ibintu biri kure kandi bashobora kubona ibiri hafibigoranye. Sinibaza ko bari impumyi, bari barwaye indwara yo kutabona ibintubiri kure. Ivyo bashobora kubona vyari intuze zabo… «Murazi?Turi abo muri iri n'iri!» Amadini yabo manini manini, n'abantu babobenshi, abanywanyi babo benshi, amashure yabo yo ku w'iyinga, inyubakwa zabonziza.

84 Yesu avuga ati : «Ariko ico bari bakeneye, yariMpwemu Yera.» Bari bakeneye Mpwemu Yera! Ni co gituma Umwami yababwiye ati :«Amaso…nimba uri… amaso yawe yarononekaye cane, ibiri kure ntubibona ku buryoata kindi ubona atari ishengero ryawe rinini, ikoraniro ryawe rinini kandiryiza, n'intuze yanyu… umukuru w'igisagara n'abandi bashingantahe bazagusengera i wanyu, kandi i wanyu harimwo ba rurangiranwa. Ariko Jewemwaranyibagiye. Ariko namba ur'impumyi bigeze aho, amaso yawe akaba ababayecane, ndakugurishako umuti wo gusiga ku maso.‟ Ego.

Biratangaje kubona abo bize ivya Tewolojiya atawobafise, si vyo? Bafise amavuta atamirana menshi, ivya Tewolojiya vyinshi. Arikobarakeneye umuti wo gusiga ku maso, Mpwemu Yera w'Imana, kugira ngo basige kumaso yabo, kugira ngo bashobore kwitwararika ukuza kw'Umwami, bitwararikeBibiliya, bitwararike Ijambo. Barazi ukuntu bavuga «A- a- men!» mu buryo bumezeneza! Bafise amavuta atamirana y'ubwoko bwose n'imiti yo gusiga abapfuyey'ubwoko bwose. Ariko "barakeneye umuti wo

gusiga ku maso," niko Umwami Yavuze.Yavuze ati : «Urakeneye umuti wo gusiga ku maso yawe kandi uwo uzoyahumura.»

85 Kera, nkiri umwana... nibaza ko maze kubivugirangaha, muri iri shengero, ariko ivyo ndavyibutse ubu nyene. Nakuriye hariya mumitumba yo muri Kentucky ariko namazeyo igihe gito, kandi twaba mu kazu gashajekubakishije imbaho. Mama, ngaha… Kandi twari dufise -twari dufise akumba gatoyamu nzu yo hejuru twabamwo twashiramwo, imatera ya -y'ivyatsi. Kandi kuri ivyobishishi hariho igunira rikozwe mu moya. Sinzi ko mwoba muzi ico ari co igunirarikozwe mu moya, canke ibishishi twari dukeneye cane ku buryo vyari bigoyekuronka uburiri. Papa na mama bari bafise uburiri hasi. Mu kuja muri ako kumbatwuririra ku kagazi, kandi rimwe -rimwe -rimwe na rimwe, mama yararenza agacek'agatambara hejuru y'ivyo twipfuka n'ibindi. Iyo turyamye, twarashoboraguharura inyenyeri ducishije hagati y'izo mbaho zishaje. Murazi twamurikirwan'ukwezi, kuko hejuru, inzu yari ifise ibitoboro binini binini nk'uku.

86 Iyo urushana rutanguye canke imvura igatangurakugwa, twebwe abana, twaca twiterera munsi y'ico -ico gihuzu, murazi, kugira ngo tugumize… kugirango ntitujobe. Rimwe na rimwe, kubw'umuyaga wama uca muri ivyo bitoboro twa-twa -twama turwaye ibicurane, maze amaso yacu akaguma afatanye. Murazi, imbehoni yo yayugara. Mama aduhamagaye mu gitondo, "Nimwururuke," naravuga nti :«Mama sinshobora kuza, kuko amaso yanje yose yafatanye!» Murazi, kubera imbeho,nari mfise -nari mfise ivyo bintu mumaso. Sinari ngishobora kuyugurura. Umwe muri batoyi banje yari akiryamye, mazejewe, Humpy n'abandi, tukagerageza kumwugurura amaso, ariko ntitwabishobora,twahumye.

87 Sogokuru yari umuhigi, yahiga udukoko duto dutotumeze nk'imbeba. Iwacu, amavuta y'utwo dukoko tumeze nk'imbeba yakora ibintuvyinshi. Barayasigisha ibirato. Iyo dufashwe n'ibintu bituzibira mu mihogo,mama yaca ayavanga n'amazi y'igiti c'umweloni akayaturamiza.

Iyo ingohe zafatanye, mama yaca afata ivyo bintu… "Neza, hinge gato, mwananje." Yaca yiruka mu gikoni agafata agasorori kiwek'amavuta y'utwo dukoko duto duto tumeze nk'imbeba agaca ayashusha. Ayo mavutaamaze gushuha bikwiye, mama yaca aduga maze akadutsirita ku maso gushikaamavuta yinjiye neza. Mu kanya gatoya, naba nshobora kubona. Gufata…Amavutayaba yayahumuye.

88 Ndababwiye, twarahuye n'ubukonje bw'urutavanako! Ubukonjebw'urutavanako bwarateye igihugu cose! Ababatiste bavuga bati : «Igihec'ibitangaza cararenganye. Mpwemu Yera canke kuvuga mu ndimi, ivyo ntibibaho.Umubatizo mw'Izina ry'Umwami Yesu ntubaho!» Oh, harabayeho imiyaga itandukanyeirimwo imbeho, kandi abantu benshi barahumishijwe n'ico gikonyozi co mu buryobw'impwemu. Hakwiye ikirengeye ya mavuta ya twa dukoko tumeze nk'imbeba kugirango abugurure amaso, bene Data! Harakenewe umubatizo mushasha wa Mpwemu Year…?...azotsirita amaso yabo kandi akayoza, maze akabakiza indwara yo kutabona nezaibintu biri kure, kugira ngo mushobore kubona ko Ijambo ry'Imana ari Ukuri. Niivy'ukuri! Oh, «Ndakugira inama ngo ungureko umuti wo gusiga ku maso, ikintu cogusiga ku maso yanyu." Kubw'ivyo mwebwe…Kubw'ivyo…

89 Abigisha ivya tewolojiya barafise ivyabo… ivyatewolojiya vyose, amavuta yabo atamirana n'ibindi nk'ivyo, ariko harakeneweikirengeye ivyo. Mpwemu Yera wenyene ni We ashobora gutanga ukubona kwo muburyo bw'impwemu gutuma umuntu abona ibikorwa n'ubushobozi buvuye mw'Ijuru.Mpwemu Yera, umuti wa Mpwemu Yera wo gusiga ku maso! Umuti wo gusiga ku maso,ni amavuta ashushe, turabizi, kandi Mpwemu Yera ni yo Mavuta ava ku Mana.

Ayo mavuta yose atamirana y'ivya tewolojiya, « Oh,mwene Data, mukundwa, ivyo mukora ni vyiza cane! Nta co umuntu yokugayako!Vyose biratunganye! Kandi muri kino gisagara, ni twebwe dufise ishengero rininigusumvya ayandi!» Ayo mavuta atamirana nta co amaze. Oya! Ivyo bizobatumamurwara ya ndwara yo kutabona neza (ibiri kure) maze muce muvuga muti : «Ego,ni twebwe dufise ishengero riruta ayandi!» Ariko bizogenda gute kuri wa musiw'urubanza wegereje, igihe Imana izobabaza ivyo mwakoze, mwebwe abanyeshengerobo mu gihe ca Lawodikiya?

90 Ahanini sindiko mbwira abo muri iri koraniro,ariko ivyo ndiko ndavuga biriko birafatwa amajwi kandi bishika kw'isi yose,muratahura, ni co gituma, muri aka kanya, ndiko mbwira vy'ukuri amamiliyonimenshi y'abantu.

Turabona rero aho tugeze. Lawodikiya! Niakazuyazi, ryarasubiye inyuma, rirwaye indwara yo kutabona neza ibiri kure n'ibindivyinshi ntazi! Ni inyumbu! Inyumbu ni ikivange, ntigira akenge na gakeya.Mugize ico muyibwira, ica ishinga amatwi yayo manini maze igatangura kwabirango : «Hi, han! Hi ha!» Nta bwitonzi igira muri yo. Ni ikivange kiri hagatiy'indogobwa n'ifarasi. Iyo ni yo ngorane iriho uno musi : muravanga inyigishoz'Abanikolayiti na Lawodikiya, mugaca mwongera kuronka inyumbu! Ntibabizi!Mubabwiye ivy'ugukira indwara kuva ku Mana, umubatizo mw'Izina rya Yesu,n'ibindi, baca bavuga bati : «Hi han! Umwungere wanje ntavyizera... Hi han!Ivyo ntituvyizera, twebwe Abaperesipiteriyano. Ibitazi! Ukwo ni ko bakwiyekwitwa! Tubite gute…?... »

91 Ndanka cane inyumbu. Ariko ese ukuntu nkundaindogobwa nziza itavanze! Umuntu arashobora kugira ico ayigisha! Urashobora kuyigishakuramukanya, irashobora gukora mu vyo gukina imikino yo gutwenza,

ihakwa gukorank'umuntu, kuko haba hariho ico iba izi. Irazi ico yakomotseko. Inyumbu ntizise canke nyina, kandi ntishobora kurondoka. Ni ko biri no kuri ayo madini yakera akonje kandi agendera ku migenzo: ntagishobora gusubira guhaguruka. Ni cogituma ishengero rihinduka idini : riba ryarapfuye! Ntirizosubira guhaguruka namba. Ni igiki? Ni ikivange!

Abaluteriyano bari beza cane, ariko igihebahinduka idini, bakoze iki? Abametodiste bari beza cane, ariko igihe bahindukaidini, bakoze iki? Ivya Pentekote vyari vyiza cane, ariko igihe mwabihinduraidini, mwakoze iki? Mwarabivanze, mwabivanze n'ishengero rya Katolikary'abanikolayiti. Neza na neza ni vyo mwakoze! Uko ribatiza ni kwo mubatiza,uko ryigenza ni ko mwigenza kandi uko rikora ni kwo mukora, kandi Bibiliyaivuga iti : «Ur'Umukobwa wa maraya, uri maraya! Umukobwa wa maraya!» Ni ukurikutagabanije!

92 Ifarasi nziza itari ikivange iba yiyoroheje. Niifarasi nziza, mbega ukuntu ndazikunda. Ishira umutwe wayo ku gitugu cawe,irakundana. Kubera iki? Irazi se uwo ari we, sekuru uwo ari we, irazi sekuruza.Irashobora kudondora amamuko yayo, irazi iyo yakomotse.

Kandi ndakunda kubona umukristo nyakuri atariikivange! Atari nk'abatororokanya amakete y'ubunywanyi, mw'iyinga rishize bariabametodiste, muri rino yinga bakaba ari Ababatiste, mu ndwi iza bakazoba ariabapentekote, maze mu ndwi izokurikira bakazoba ari Ingenzi z'ubweranda!Ntibazi se canke nyina. Ariko nimunyemerere ndababwire ko umuntu yavyawe naMpwemu w'Imana ashobora kubagarukana neza na neza ku musi wa Pentekote : araziiyo yakomotse, kuri Pentekoti! Amen! Nshaka kuba Umupentekote kuva ku mutwegushika ku kirenge! Simvuga idini rya Pentekoti, ariko mvuga ubushobozi nyakuribwa Kristo yazutse, umugisha w'ukuri wa Pentekote.

Umuti wo guhumura amaso yanyu, kugira ngomushobore kuraba inyuma maze mubone aho ishengero ryakomotse. Muraba gusa ukoishengero rimeze ubu! Raba inyuma maze murabe aho ryakomotse! Komeza mwegeraImana muzoheza muje kure y'ishengero rya none. Ego, mushingantahe.

93 Ni uko, hari ikindi kintu nanditse; haravugwa ngo: «Bagenda amenya; bagenda amenya Ni vyo.

Oh, bagenda amenya ariko ntibabizi! Mbega ikintukibabaje kuba umutindi, impumyi, yafutanye kandi agenda amenya! Iyo aba -iyoaba abizi yovuye aho hantu; ariko ntabizi, ntaba afise ubwenge bukwiye! Si vyo?Oh, Umwami ntarya umunwa! Uwo muntu ntaba agifise ubwenge bukwiye, ntaba aziico yokora kugira ngo abivemwo.

Iyo ubonye umworo, umutindi, impumyi yafutanyekandi igenda amenya mw'ibarabara, maze ukamubwira uti : «Mwene Data, ugendaamenya!», azoca avuga n'ijwi rirenga, ati : «Oh, ni vyo? Oh, mwene Data, raba ahounyinjiza, umfashe kwambara.»

94 Ariko iyo ugiye kubabaza uti : «Mbwira, mbegamwarahawe Mpwemu Yera igihe mwizera?»?

«Mbega nturi uwo muri ba basazi? Ugomba kumbwiraiki? Reka kumbwira uko! Ntumbwire uko, jewe ndi Umuperesipiteriyano, ndiumubatiste, ndi uwo muri ibi n'ibi n'ibi na biriya."

Bagenda amenya ariko ntibabizi! Si jewe nabivuze,ni Bibiliya ibivuga igihe ivuga kuri iki gihe ngo : «ntuzi ko wewe, ugendaamenya. Ndakugira inama ng'ungureko impuzu zera,» niko Yavuze.

…impuzu zera…

Impuzu zera zagenewe Abera; ni zo kugororoka kw'Abera.Murabona?

Rigenda amenya? Egocane! Nta nkeka! Ni vyo murashobora kuvuga muti : «Mwene Data Branham, ivyontivyerekeye ishengero ryacu! Ni ryo shengero ryambaye neza kurusha ayandi ahamu gisagara!» Sindabikekeranyako! Mufise imyambaro igezweho, impuzu zanyuzishonye mu bitambara vyiza bibaho, mufise imyambaro igezweho y'abantu ba rurangiranwab'i Hollywood, murashukana cane ku buryo musamaza abantu bose bo mw'ibarabarababaraba! Uh-hum. Ni ukuri.

Hari umugore yambwiye ati: «Mwene Data Branham, ushakakubwira jewe? Aya makanzu tuyagura mu mangazini, kandi ni zo namwe mwese mushoborakugura.»

Ariko naramubwiye nti : «Ariko kandi baracagurishaibitambara n'amamashini yo gushona! Nta co mufise mwireguza.»

95 Bibiliya iravuga iti : «Umuntu wese araba umugore akamwifuza, aba amaze gusambana na we mumutima wiwe.» None Si ivy'ukuri? Rero, iyo umugore yambaye mu buryobushukana maze akiyerekana imbere y'umugabo, ikosa ni irya nde? Niuwo mugore! Ni we aba yatanguye! Ni ukuri kutagabanije.

Woshobora kuba utigeze uhemukira umugabo wawe, woshobora kuba uri umukobwaakiri muto ata kibi yigeze akora na mba mu buzima bwiwe, ukarinda uja kwabirwautaramenyana n'umugabo, ariko iyo wambaye nk'uko maze ugatuma abagabo bakurabagurtyo, baba bamaze gusambana na we mu mitima

yabo. Uyo munyavyyaha abayakuravye! Nk'umwigeme w'Umukristo, urashobora kuba ufise impuzu za mbere nzizamu gisagara cose n'ibitambara vya mbere vyiza, ariko ntibibereye umwana w'Imanayejejwe kwambara gurtyo.

96 [Agace katavugakuri bande -Umw.]...Oh, ego, ntibibereyeumwana w'Imana.

« Oh, no,‟ niko bavuga. Neza, bavuga bati,«Mw'ishengero ryacu...» Mwambaye neza? Bakavuga bati ego! Bari « abatunzi,ataco bakenye.» Ego cane. Bavuga bati : «Mbere n'umwungere wacu yambaye ikanzunziza ndende, n'abaririmvyi bose bafise ikanzu ndende nziza z'abaririmvyi!»Ariko inyuma y'ivyo, umurwanizi ni ho yinyegeje! Uh-hum. Uh-hum, ni ivy'ukuri.Oh ! Hmm, hmm ! Neza, ariko nshimye kutagira ico ndenza kuri ivyo.Kubw'ivyo, ico ndashobora kureka kikarengana. Neza cane.

Oh, ivyo bintu vyose bikomakomeye! Abaririmvyibambaye amakanzu maremare, imigwi y'abaririmvyi irinda guhembwa kugira ngoiririmbe! Umuvugabutumwa akwiye guhabwa ayangana uku, atari uko azokora ikindigikorwa kizomuzanira menshi. Azokoranya abagize inama nkuru y'abarongozib'ishengero kugira ngo ababwire ati : «Bene Data, nda -nda… mwambereye abagenzibeza, mwampaye aya n'aya ku ndwi. Ariko muri ririya rindi shengero ry'Abaperesibiteriyano...‟(nimuryite ″Pentekoti‟ canke ukundi mushaka) ″rya hariya, ba -bansezeraniye kunyongera aya n'aya‟ Oh, bagenzi!

97 None, umuntu atunganye asanzwe ashobora kuronkaiki? Afise amahirwe ki? Ishengero ritoya rikenye ryuzuye Mpwemu Yera, rifiseamahirwe ki? Ntirizigera rironka namba uburyo bwo kuyatanga! Ni co gituma,Umwami aca aduhagurukiriza umuntu (Amen!), umuntu yirobanuriye n'ukuboko kwiwe: aramwuzuza Mpwemu Yera hanyuma akamushiraho nk'umugenduzi mukuru. Akarungika…«Ndakugira inama ngo ungureko impuzu zera.» Bibiliya ivuga iti : «Imvune zerani ukugororo-… kw'abera.»

98 Ubu rero, ndizera ko tu… Reka dufate hafi-hafi umurongo wa 19. Nibaza ko turi nko ku murongo wa 20, uko nshobora kubona.Ego, ego, kandi ni wo tuja guherezako. Nimwumvirize mutekereje, mugacerere, mugihe tuzoba turiko turahasoma. Umviriza :

Ehe mpagaze ku rugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwiryanje, akugurura urugi, ndinjira i we,… dusangire.

Unesha, nzomuha kwicarana nanje ku ntebe yanjey'ubgami, nk'uko nanje nanesheje nkicarana na Data ku ntebe yiwe.

Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero.

Ng'iryo rimwe mu majambo akomeye cane maze kubonamw'Isezerano rishasha. Nashaka ko muraba neza iri ryungane, ngo : «Ehe mpagazeku rugi, ndaramukije.» Mu bisanzwe uyu murongo ukoreshwa mu guhamagara abanyavyaha. Si vyo? Tubwiraabanyavyaha duti : «Yesu ari ku rugi, kandi ariko araramutsa.» Ariko ngaha,ariko araramutsa ku rugi rw'ishengero,kuko kera, yagendanye naryo, (ariko rimaze kub'idini, rikaja mw'isi kandirigakonja) ryaramushibuye. Ari hanzey'ishengero.

99 Imbere y'uko turangiza, nimwibuke ko mu gihe cambere c'Ishengero, yagendagenda hagati y'ibiterekwako amatara ndwi vy'izahabu(si vyo), hagati y'ibihe ndwi vy'ishengero. None aha kw'iherezo, tumusangahanze y'irihe shengero? Irya Lawodikiya, hanze y'ishengero rya Lawodikiya!Baramushize hanze, baramushibuye. None ng'uwo ari hanze kandi ageragezakwinjira! Mbega ibintu bibabaje! Umukiza w'abari mw'isi akaguma hanzey'ishengero yacunguje amaraso yiwe bwite! Rirateye isoni!

«Ehe mpagazeku rugi, ndaramukije.» Hanyuma y'aho yirukaniwe, agatererwa hanze, arikoagerageza kwinjira! Agaruka yinginga kandi aramutsa ku rugi. Ni wo murongoubababaje cane wo mw'Isezerano rishasha ryose. Ndibaza ko ata cobaho kibabaje nkokubona Umukiza w'abari mw'isi yashiburiwe hanze y'ishengero ryiwe bwite, muriiki gihe ca Lawodikiya. Amaze kubereka ivyo bakoze, ubutunzi bwabo ubwo ari bwo,uko bari bameze, ukuntu bari akazuyazi n'ibindi, kandi bari -bari bafise…bo… SiWe yabadashwe, ni bo bamudashwe. Ariko n'ubwo bimeze uko, akomeza aramutsa kurugi kandi agerageza kwinjira. Kugira ngo akore iki? Kugira ngo abahe Ubugingobudashira! Agerageza gukiza ubugingo bwa bamwe nyene bamwica i Karuvariyo! Nivyo bintu vya mbere bibabaje noba maze kubona mu buzima bwanje.

100 Baramwirukanye! Bamwirukanye hehe? Ubu reronimwumvirize neza, bagenzi banje! Mbega ntibibababaje? Nimugerageze kwiyumvirakuri ivyo bintu maze mubibike mu mitima yanyu! Umukiza wacu, igihe yari kw'isi,yarashibuwe mw'ihanga ryiwe bwite. Yaranswe, arirukanwa. Ab'isi baramushibuyemaze baramubamba. None ubu naho, yirukanywe mw'ishengero ryiwe bwite. Nta hobakimukeneye, ntibakimukeneye. Barafise idini, ntibamukeneye. Ko bafise Papa,ni igiki cotuma baba bakimukenera? Ko bafise umwungere mukuru, umugenduzi mukuru: ntibagikeneye Mpwemu Yera! Nta co yoba akibakorera. Kristo, Mpwemu Yera, ntibamukeneye.Kubw'ivyo bari…

Sinibaza ko bamutaye n'ibigira nkana, ariko kubabadafise Kristo nta co bibabwiye. Kuba batamufise nta co vyababwiye, kukobakomeza kumuririmbira indirimbo n'umuvugabutumwa agakomeza kumuvuga. Kubabadafise Umwami nta co vyari bibabwiye. Ariko icamwirukanye, ni ugukundaivy'isi kwabo, amadini

yabo, kuba bavuga bati : «Igihe c'ibitangazacararenganye. Ibi n'ibi, ntibibaho!N'ibindi.»

101 Ngira ndababaze ibi bikurikira, (mwebwe abize ivyakahise), igihe cose, muri aya mashengero, igihe cose habaye ikanguro, intuze…ivyo vyama bibera hanze y'amadini. Kandi igihe cose i -ikanguro ryatangura,ntibaba bafise ibimenyetso n'ibitangaza, ukuvuga mu ndimi, impano zo gukizaindwara, n'ibindi? Ariko igihe uwaritanguje apfuye, baca bakora idini, bagacabinjira mu rupfu, kandi Imana ntiyasubira guta umwanya muri ivyo. Ni ukurikwuzuye!

None raba iyo Mana ishobora vyose iri ku muryangow'iki gihe ca nyuma c'ishengero. Ivyo -ivyo birambabaza umutimandavyiyumviriyeko. Umwami wanje ari ku muryango w'ishengero ryiwe bwite, amazegushirwa hanze n'ugukunda ivy'isi, ugukonja, impwemu y'idini n'ukubasindabibazwa; ahagaze ku rugi, aramutsa, agerageza kwinjira! Mu gihe narikondavyiyumvirako haraheze umwanya, nunamye ku meza yanje maze nca ntangurakurira!

102 Nariyumviriye kenshi kuri Yesu igihe yari yicayemu nzu ya wa mufarisayo : nta n'umwe yari amwitayeho, mu gihe yari afiseibirenge bisa nabi. Ntibari baje kumwakira ku muryango kugira ngo bamwozeibirenge kandi ngo bamusige amavuta, kugira ngo bamukureko amase y'indogoban'umwanda wari wafashe ku birenge vyiwe igihe yariko aragenda. Impuzu ziwe,zari zakubuye hasi, zari zagiweko n'akamoto k'ibarabara indogoba zacamwo, na-niibindi vy'uwo munuko wari wamugiyeko.

Yamara, imisi yose baroza ibirenge vy'abashitsi :wari umugenzo. Umushumba yahagarara ku muryango kugira ngo yoze ibirengevy'abashitsi. Iyo umuntu yinjiye, umushumba yaramwoza ibirenge maze agaca amuhainkweto zimukwiriye. Hanyuma baca bamusiga amavuta ku mutwe wiwe n'intuze… kugira ngo atamirane no kugira ngo bamusomore imishwarara y'izuba yamuturiyekw'izosi ryiwe, kandi bagaca bamusokoza. Gurtyo akabona kwinjira.

103 Maze baripfuriza ikaze uwo mushitsi, ubwo nibwoburyo… Hagarara hano gato, Pat, hari ikintu nshaka kukwereka. Ng'uku ukwobabigenza mu kwakira umushitsi. Ndibaza rero... Oya, ingo ngaha, Nibaza kovyari bimeze nk'uku : Nyen'urugo yaramwifuriza ikaze nk'uku, mazebakagumbirana. Gurtyo, uwo mushitsi yaba ahawe ikaze.

Ariko igihe Yesu yaza muri ayo mazimano neza naneza nk'igihe yaza ku musi mukuru wa Pentekoti, bamwe bamwe ntibamwakiriye. Babarongozi b'amashengero n'abandi bari bitwararitse cane ibikorwa vyabo bwite!Yesu yari yatumiwe, ariko nta n'umwe yamwogeje ibirenge. Yari ahagaze nkahariya mu mfuruka, ibirenge bisa nabi kandi binuka, yari yanduye wese kandiyuzuye inkungugu, sinzi n'ingene abamutumiye bamubonye.

104 Ariko ubwo nyene haca haza maraya; yari afiseamahera makeya gusa mw'isaho ryiwe. Yaciye araba i ruhande yiwe, abona Yesu,maze abona ko ibirenge vyiwe vyari vyanduye. Ivyo vyaramubabaje cane. Aca aribwira ati : «Uyu mugabo ni we yahariyeivyaha vya wa mugore! Ni we numvise bavuga ko akiza indwara. Kubera ikibatamwitayeho?»

Kuko abo bungere n'abandi bari ngaho baribamushibuye. Aho We…Yamara, bari bamutumiyengo aze.

Uko ni ko dukora! Turamutumira ngo aze mu bikoranevyacu, ariko iyo aje, tukamugirira isoni. «Oh, Sinashaka kwigera mvuga nti 'Umwami Ahimbazwe.' Oh, oya, harya hicayeJone, bohava bibaza ko nabaye umusazi. » Mwa ndyadya mwe! Uko ni ukuri.«Ndatinya ko nohava mvuga mu ndimi hanyuma bagahava banyita umuvuzi w'indimi.Uri umutindi yafutanye!»

Nimwibuke, ibi bija muri, murabona. Uri umutindiwarafutanye, umworo, ugenda amenya, ur'impumyi, kandi ntavyo uzi.

105 Yesu ni ho yari yicaye n'ibirenge bitogeje. Arikomaraya azananye mw'ibarabara, ndiko ndamubona amanutse, reka -rekatuvuge…tumufate akanya gato.Ndashobora kumubona agiye ku mangazini, aca avugaati, « jewe… » Amosozi atangura gukoroka, avuga ati : «Ivyo si -sinshobora kubikora. Naho -naho -naho nogenda njanye ayamavuta atamirana, araza kumenya uburyo naronsemwo aya mahera. Arazi ukonayaronse, ariko niyo yonyene mfise.»

106 Kandi ni co yipfuza! Ni co ashaka! Murabona ?Ntavyo anezwe. Nimuze gusa maze muvuge muti : «Nta co mfise ndagushikanira.»

Yaciye agura rero ya mavuta atamirana maze acaarayamushikanira. Yaribajije ati : «Oh, ese noshobora gusa kumubona!» Maze acaaronka ingene yitera mu nzu.

Oh, Yesu abo bantu ntibamwakiriye! Yaciye afataikebano ry'ayo mavuta, ararimena maze aca ayasuka ku birenge vyiwe, atangurakuvyoza. Aca araturikisha ararira yiyumvira ati: «Oh, nta nkeka ni We! Ni umwenama numva avugwa iyo nsomye muri Bibiliya yanje. Ndazi ko aja kunyemera.»Mbega ukuntu ayo mosozi y'ukwihana yabaye amazi meza yo kwoza ibirenge vyiwe!Maze abuze igitambara co guhanagura ibirenge vyiwe yaciye akoresha imishatsiyiwe bwite! Imishatsi yiwe itsivye neza yari

yasambutse yose maze aca yozaibirenge vyiwe, abisomagura.

107 Yesu yari afise ibirenge bicafuye, kandi nta muntun'umwe yigeze avyitaho. Kandi n'uno musi, yambaye izina ribi ry'umuntu akavyacanke ikintu nk'ico, nta n'umwe yubahuka kuja ku ruhande rwiwe!

Nzikorera umusaraba mweranda

Kugeza aho nzopfira

Nzofatanya urugendo n''inkengerwa z'Umwami

Natanguranye na Yesu, O Mwami, Ndongoragushika kw'iherezo.

Ndongora, Mwami, nahovyonsaba iki,

Nka Yakobo,ndafise ibuye nisegura. Ndavye ivyo yankoreye, ivyo bitwaye iki?

Uwo maraya na we yariko arakorora amosozi! Kandiubwo nyene, Simoni umunyamibembe, uwo muntu ahambaye yari yamutumiye, acaaribwira ati : «Uhm, uhm, uhm, uhm! Ng'ico rero icerekana ko atari uwuvugishwan'Imana : iyo aba uwuvugishwa n'Imana, yari kumenya ingene uwo mugore ameze!» Wandyadya we!

108 Yesu ntiyigeze akakaza ibirenge. Yari yiyicariyegusa maze akamuraba kandi akamwihweza. Oh, ivyo ndabikunda! Igihambaye siibintu bikomeye dukora, ariko kenshi na kenshi, ni utuntu duto duto tudakora.Yaramwihweza, yari yicaye ariko aramwihweza gusa. Nta n'umwe yari amwitayeho;ariko buke buke, abantu bahavuye baraba uwo mugore yariko ararira yoza ibirengevy'Umwami. Ariko We yaguma amwitegereza gusa ata co avuga.

Umwe Simoni na we akaguma avuga ati : «Uhm!Ntimubona rero uwo dufise yitwa ngo ni umuvugishwa? Nari nabibabwiye! Iyo ajakuba umuvugishwa w'ukuri, yari kubona neza uwo mugore uwo ari we! Murabona,aha, ni twebwe dufise ishengero rinini! Ivyo bintu turabizi. Turazi ko atariuwuvugishwa n'Imana, ahandi ho yari kubona uwo mugore uwo ari we.»

109 Amaze ku…amaze guheza, gukorora amosozi yo kwihana,yaciye yoza ibirenge vya Yesu. We… Ndibaza ko Yesu ategerezwa kuba yamezenk'uwuruhutse gato.

Ewe Mana yanje, ese iyo nari kuba ndahari! Nanjenari kwongera nkavyoza. Ego mushingantahe.

Mbwira, mbega ntivyoba ikigoye ku mugore w'unomusi guhanaguza ibirenge vy'umuntu imishatsi yiwe? Vyomusaba kumugendera kumutwe kugira ngo aronke imishatsi yo kubikora! Barayimoye yose.

110 Nta n'umwe yari yitayeho… (uguhinyura gusa), Yesuyagumye yicayeho bamushinyagurira, afise ibirenge vyanduye. Ariko uwo mugoreyaravyogeje. Vyose bimaze -bimaze kurangira, aca yunamika amaso aramurabank'aho yoba ashaka kumubwira ati : «Ni vyiza!»

Rero, aca arahindukira aravuga ati : «Simoni,ndafise ico ndakubwira. Wantumiye ngaha, ariko ntiwaje kunyakira ncinjira.Ntiwampaye amazi kugira ngo noge ibirenge. Ntiwansize amavuta mu mutwe igiheninjira, kugira ububabare bwatewe n'izuba bugabanuke. Ntiwansomye ngo umpe kazeigihe ninjira. Ariko uyu mugore," (Oh, bagenzi.) "uwu wo mw'ibarabara, uyumaraya wo mw'ibarabara, uwo kubera yuko atari afise amazi yo kwoza ibirengevyanje, yavyogesheje amosozi yiwe! Kubera yuko ata co yari afise kugira ngoabihanagure, yabihanaguje imishatsi yiwe! Kandi muri uwo mwanya wosentiyahengeshanije kunsomagura ibirenge. Ni co gituma, ndabikubwiye nti :«Ivyaha vyiwe vyinshi yabihariwe.» Ni ivy'ukuri! Ariko ivya Simoni nta coyabivuzeko. "Ivyaha vyawe, vyinshi biraharirwe.»

111 Uno musi, Yesu ahagaze inyuma y'urugi rw'amadiniy'Abapentekote, y'Ababatiste, y'Abametodiste, agerageza gusubira kwinjirana wamugisha wa Pentekote : ariko abantu bamucako birenganira! Inyuma yo… Inyumay'aho ugukunda isi kwanyu n'ibindi bimuhindiye hanze y'ishengero, ni ho ahagazeagerageza kwinjira, yinginga ngo bamureke yinjire. Ni co kintu kibabaje canemaze kubona. Ntibamushaka! Ari hanze, aramutsa, agerageza kwinjira. No murikino gihe ni co agerageza gukora. Kubera iki? Kuki? Kuko ari hanze!

112 Ntitwovuga ko bamutaye hanze mu buryo bugaragara. Babandanyabamuririmbira amashimwe bongera bavuga ivyiwe, ariko ntibamwitaho iyo arihagati yabo. Ni ivy'ukuri! Babandanya nk'uko yoba atabaho. Kubera iki? Kukobarwaye indwara yo kutabona ibiri kure! Inyubakwa zabo nini nini ni zo babona!Babona gusa idini rinini barimwo, bakagerageza kuryagura no kuryinjizamwoabantu benshi, ariko ntibamukeneye. Oya, oya! Ntibakeneye kuvuga mu ndimi.Ntibakeneye Ubutumwa bw'Imana bukomeye kandi buhambaye bwinjira gushika mumutima maze bukawukeba, bugakuramwo ibintu vy'isi kandi bukabagosora nk'intetez'ingano. Oh, bara…

113 Ubwo hamwe mwobuvugira mw'ishengero ryabo, bocababashira hanze. Ariko uko ni ko Mpwemu Yera avuga Ubutumwa! Yesu yaravuze ati: «Mwa bana b'inzoka mwe! Mwa -mwa nzoka mwe ziri mu vyatsi!» Na Yohana ivyoyarabivuze! Yari umuntu yarobanujwe amavuta atarya umunwa. Ni ivy'ukuri.

Ariko ntibamubuze, kubera ivyo batari babifise.Murabibona? Bitaho kuremesha abantu bababwira bati : «Pfa kwifatanya na twe!Andikisha izina ryanyu ngaha, maze -maze tuzobemera mu mugwi wacu. Kura icete canyumuri ririya rindi shengero maze tuzobakira, na -n'ibindi. Muzompa angahe ukoumwaka utashe?» Murabona, n'ivyo ngo : «Ngo turatunze kandi nta co dukenye!»Oh, naho bimeze uko, murakeneye ikintu kiruta ivyo, ariko nta co mufise. Yesuari hanze, agerageza gusubira kwinjirana na Pentekoti.

114 Mwibaza ko vyogenda gute mw'ishengerory'Abametodiste hamwe Mpwemu Yera yokwururuka kw'ishengero maze abantubagatangura gukoma induru, bagasimbagurika, bakavuga mu ndimi maze bagakorank'ababorewe… nk'umugwi w'abantu baborewe? Aho rero I -Inama nkuruy'amashengero y'Abametodiste yoca yirukana iryo shengero muri iyo Nama. Ivyomurabizi. Hoca haba iki hamwe ivyo vyoshika mw'ishengero ry'Ababatiste? Hobanka vya bindi nyene. Mbega ku Bapentekoti naho? Kuri benshi muri bo habaye nkavya bindi nyene. Nta nkeka. Ego, mushingantahe, ntibari gushobora guhuza n'ubwobusazi. Baravuze bati : «Oh, mbere bononye n'amatapi yacu duheruka kugura.» Uh-hum, koko. Bagenzi! Bagenzi! Mbega abatindibafutanye! Ni ivy'ukuri.

115 Ego, neza, kera yari kumwe na bo, Yagendana na bohagati y'ibiterekwako amatara ndwi vy'izahabu. Ehe raba rero inyishu yavyo :amadini, hamwe n'ibintu vyabo vy'isi, abungere babo, n'abakaridinari babon'ugukunda isi kwabo kwose, vyamushize hanze, kandi ntibigeze bumva ko atahari.Kandi ishengero…

Ariko rero, tuze dukore iki kugira ngo twongeretumwinjize? Ubu namba ari hanze y'ishengero rya Pentekoti, tuzokore iki kugirango dusubire kurimugarukanamwo? Bizosaba ko abantu bose bamugarukana biciye mumatora? Bizosaba gusubira gutora umupapa mushasha, umukaridinari mushasha?Canke bizosaba -bizosaba -bizosaba kodutanguza idini rishasha. Ivyo ntaco bizokwigera bifasha! Ivyo ntaco bizigerabishikako. Idini rishasha nta vyo rizokora, intuze nshasha, u -u -u -u-umukaridinari mushasha ntaco azofasha, umwungere mushasha ntaco azofasha, umuvugabutumwaahembwa neza ntaco azofasha. Nta na kimwe kw'isi coshobora gukorwa, atarimwebwe ubwanyu mucikoreye! None twoshobora gute kumwinjiza? Atari mu buryobw'amatora! Haba namba? Ntushobora kwinjiza Yesu biciye mu matora, kuko uko siko azogaruka.

Ng'ibi -ng'ibi aho biri : «Umuntu ni yumva ijwiryanje maze akugurura urugi.» Ubu rero turazi urugi urwo ari rwo. «Umuntuniyugurura urugi maze akumva ijwi ryanje.»

Atari -atari ngo : «Ishengero ni rya...idini ni rya…». Oya, mushingantahe. Ntakorana na yo, yarapfuye aragenda akagirire.Arayanka, yamye ayanka. Yaravuze ko ayanka ! No kuri uyu mugoroba, aracayanka.

116 «Ariko wese umuntu,» Umumetodiste uwo ari we wese, Umubatiste uwoari we wese, Umuperesipiteriyano uwo ari we wese, Umukatolika, uwo mu bitwaIshengero ry'Imana, Umunazariyano, Umupentekoti. « Umuntu ni yumva ijwiryanje maze akugurura urugi, ndinjira i we dusangire.» Ubwo ni bwo butumwabubwirwa ishengero rya Pentekote ! Atari ukugerageza kwemeza idini ryaPentekote mu mutima w'umwe umwe wese. Ubwo ni bwo buryo bumwe bwonyene.

«Turasangira na we.»

117 Mbega intwarabutumwa kw'ishengero… ubutumwa bubwirwa ishengero butwigisha ikinone, butwigisha -butwigisha iki ? Atari ugukura muri Mpwemu. Oya,mushingantahe. Ahubwo ni ugusubira inyuma muri Mpwemu, hamye haba isubiranyumaburi gihe. Uburyo…I -intwarabutumwa zatumwe kw'ishengero bo n'ubutumwa bw'igihecose c'ishengero bamye biyamiriza ivy'amadini. Mu butumwa bwose bwandikiweishengero, turabona ko ishengero ryaba ryasubiye inyuma kandi ntibashakakubwumviriza. U -ubutumwa bubwirwa ishengero ntibwitaho na gato ivy'amadini.Yoyo avyara abiyita abakristo, ibivange, ivy'Imana canke Mpwemu Yera ata cobabiziko. Nk'uko mumbona ngaha havugirwa ubutumwa, ni na ko ibi ari ivy'ukuri.Abanyeshengero beza b'akazuyazi, ikibabereye gusa ari uko yobadahwa !

118 Paulo yaradukebuye atubwira ko amahanga ari ishami. Ubu rero, nashaka yukomuzingurura, nimba mubigomba, mu Baroma, igice ca 11, kuva ku murongo wa 15gushika ku wa 27, kugira ngo mwese mushobore kuhandika. Nashaka gusa kubibasomeraimbere y'uko duheza, kuko ari… Icete candikiwe Abaroma, namba mushakakuhandika, igice ca 11 :15 gushika ku wa mirongo ibiri-…gushika kuri 27.Paulo ibi yabibabwiye avuga ku banyamahanga ati : «Imana ntiyagirir'ikigongweamashami bwite, ariko ikaba yarahanyuye kubw'ukutizera.»

Mbega ni ivy'ukuri ? Kubera iki bahanyuwe ? Kukobanse gatitiba ya Pentekote. Mbega si ivy'ukuri ? Ku musi wa Pentekoti,baracokoye Mpwemu Yera kandi bamurogotako.

Igihe Yesu yari ngaha kw'isi, bamwise «Beyezebuli»; bamwise ngo : «Ni dayimoni, ni umupfumu», n'ibindi ntazi.

Yaciye ababwira ati : «Ivyo ndabibaharira, ariko igihe Mpwemu Yera azozira, ntihagireikibi muzomuvugako! Kuko nihagira ikibi mumuvugako, ivyo ntimuzokwigeramubiharirwa.»

119 Kandi nimwibuke ko, igihe Yesu yatuma abigishwabiwe, yababwiye ati : «Ntimuje mu banyamahanga (si vyo ?). Arikomutumber'intama zazimiye za Isirayeli.»

Mbega biciriyeko iteka gute ubwabo ? Mu kurogotakuri Mpwemu Yera, mu kuvuga ko Mpwemu w'Imana ari ikintu gihumanye. Bamucokoyeigihe batambira muri Mpwemu ku musi wa Pentekote. Muri ico gisagara nyenebamucokoreyemwo, Titusi yarabagesheje maze amaraso yabo araseseka gushika kumarembo, maze baraherengetezwa. Ni muri ico gihe nyene bashitse aho barya abanababo bwite ! Ni ivy'ukuri ! Rimwe mu mahanga ateye igomwe yo kw'isi ryahindutseirisuzuguritse kurusha ayandi, maze rica rirashwiragizwa mu mpa-… zine z'isi.Kubera iki ? Kubera ukutizera ! Yamara ni bo bari igishitsi c'inkomoko, igitic'inkomoko, Isirayeli.

120 Mbega Paulo ngaha ntabivuga ? Ni nde yabonye aho hantu ? Wahabonye ga Pat ? Hagurukamaze usome kuva ku murongo wa 15 gushika ku murongo wa 27. [ Mwene Data Pat ariko arasoma Abaroma 11:15-27 -Umw.]

[Ko gutabwa kwabo kwazaniye abari mw'isi kwuzura n'Imana, ukugarukanwakwabo -kwabo kuzoba gute? Mbega ntikuzoba ubugingo buzutse mu bapfuye? ]

[Kandi kw'ifu y'umushuzoar'iyera, n'irobe ni ko rimeze; kandi kw'igishitsi ar'icera, n'amashami nikw'ameze.]

[Ariko namb'amashami amwe yarahanyuwe, na we ur'ikija ca elayo watewenk'ingurukizi hagati mu mashami, usangira na yo ubukame bw'igishitsi ca elayobwite, ntiwihayagize kur'ayo mashami. ]

[Namb'uyihayagizako, s'igishitsi kimeze kuri wewe, ariko ni wewe umezeku gishitsi.]

[Wovuga rero, ut'Amashamiyahanyuwe kugira ngo nterweko. Niko: ukutizera ni kwo kwayahanyuje... » ]

121 Umviriza neza ibi : «Ukutizera».Nuko, bandanya Pat!

[«...na we ukwizera ni kwokuguhagaritse. Ntiwibone, ariko wiyubare. ]

[Kukw'Imana, kw'itagiriyeikigongwe amashami bwite, na we ntizokikugirira.]

[Raba rer'ukugira neza kw'Imana, n'ubuhambazi bwayo : ku baguyen'ubuhambazi, ariko kuri wewe n'ukugira neza kw'Imana, ni waguma mur'ukwokugira neza kwayo : kuko n'utagira utyo, na we uzohanyurwa.]

[ Kandi ba bandi na bo, nibataguma mu kutizera, bazosubizwako nk'ingurukizi : Imana ishoborakubasubizako. ]

[Kuko, ko wahanyuwe ku giticameze ar'ikija ca elayo, ugaterwa nk'ingurukizi muri elayo nziza, mudasangiyeubwoko, ba bandi babusangiye ntibazorushiriza cane guterwa muri elayo yabo?]

Hmm!

[Bene Data, singomba ko mutamenyairi banga, mwoye kwiyita abanyabwenge, n'ivy'uko habaye gukomantaza imitimay'Abisirayeli, ariko si bose, gushitsa ah'igitigiri gikwiye c'abanyamahangakizokwinjirira mw'ishengero.]

[Ni vyaba birtyo, Abisirayeli bose bazokizwa, nk'uko handitswe, ngw'ISiyoni hazova umurokozi, azokura muri Yakobo ukutubaha Imana.]

[Kandi ni ryo Sezerano, nsezeranye na bo, aho nzobakurakw'ivyaha. »]

122 Murabitahura? Paulo aravuga ati : «Namba Abisirayeli barabonye ibimenyetso vyaMpwemu Yera maze bagahanyurwa...» Nimwibuke ko ari kubera ko bashibuye ubutumwa bwaPaulo (Ukwihana n'umubatizo mw'Izina rya Yesu, ibimenyetso n'utwumizabiherekeza uwizera). Ivyo baravyanse, maze intumwa zica ziravuga ziti : «Eheraba, duhindukiriye abanyamahanga.»

Si ivy'ukuri? Murabona, nibaza ko aho ari hobabitiye «Abakristo» ubwa mbere, muri Antiyokiya.

123 Rero -rero, nimba -nimba igiti ca mbere cari icera,amashami yaco yari ayera, ca giti c'inkomoko, ariko kuko batizeye Ubutumwa bwaPentekoti Paulo yigisha (ni uko biri ?), Imana yaciye ibahanyura, kandiica ifata ikija ca elayo (ni ukuvuga twebwe, abanyamahanga), maze ica igiterank'ingurukizi kuri ico gishitsi kugira ngo dushobore kubeshwaho n'ubuzima buvamuri ico giti.

Mbega Imana ntizorushirizaho guhanyura ico kija caelayo maze igasubizaho ya elayo yindi, muri kino gihe dushibura Ubutumwa bwaPentekoti bwadushikiriye buciye mu bihe vy'Ishengero! Kuko izogihanyura kubwoukutizera kwaco! Ubu rero, reka tubihuze n'icigwa co muri iki gitondo. Ubu reromurazi igihe tugezemwo, si vyo? Turi mu gihe c'iherezo, mu gihe c'izamurwary'ishengero ryo mu banyamahanga ari na

co gihe c'uko Abayuda bagendererwa naMpwemu Yera, Yesu akimenyekanisha kugira ngo ashire ikimenyetso kuri bamweibihumbi ijana na mirongo ine na bine. Ni uko! Ca giti c'inkomoko (akigaruriraumugisha) muri

Isirayeli.

124 Yesu ntazokwama ahagaze inyuma y'urugi rwanyu ngo agume ahamagara igihe cose.Igihe kizogera abihebe yigire; ico gihe rero ni mwebwe muzohamagara, arikontimuzomubona! Nimuze igihe kikihari. Nimuze mu gihe akiriko arahamagara.Ntihagire ikibibabuza! Mwakire umubatizo wa Mpwemu Yera ushitse, nk'uwo baronseku musi wa Pentekote, nka wa mubatizo wo mu mazi, nka vya bintu nyene bakoraico gihe. Ntimureke ikindi kintu ngo kije mu mitima atari ivyo.

125 Nayo mwebwe, bagenzi banje b'Abakatolika, rekandababwire ikintu kimwe; murizera bikira Mariya. Bikira Mariya, n'aho yarinyina wa Yesu, vyabaye ngombwa ko agira gatitiba ya Pentekote maze yuzuzwaMpwemu Yera; maze na we nyene yigenza nk'umuntu yaborewe! Yari muri bamwe ijanana mirongo ibiri, yarahawe umubatizo wa Mpwemu Yera, avuga mu ndimi kandiakoreshwa na Mpwemu w'Imana, nk'umugore aborewe. Kandi namba vyabaye ngombwa koBikira Mariya arinda gukora ivyo kugira ngo yinjire mu Bwiza, tuzobujamwo gutetutamufise? Nimuvyiyumvireko! Ni ivy'ukuri.

Ababatiste…Urya muvugabutumwa w'Umubatiste yashakakumenya neza ko ari ko bitegerezwa kumera no ku Babatiste. Ni ko bibwirizwakuba ku wo ari we wese, n'aho yoba nde.

Kwifatanya gusa n'ishengero, kuvuga za nemera no kuja gusenga imisi yose yo kuw'iyinga mu gitondo, nta co vyobamarira namba! Ico muba mukoze gusa muba mucokoye Imana. Nimube Abakristo b'ukuri cankemubireke vyose. Nimubire canke mukonje. Nimube hanze canke…Kuko mudashoborakuba… Nta nyoni yirabura hose ikongera ikera hose murabona; ntiturigera tubona umuntu aborewe kand'ataborewe, ntiturigera tubona umuntuw'umunyavyaha akongera akaba uwera. Haba na mba! Ivyo ntibibaho. MutuzuyeMpwemu Yera, maze Imana ikaba muri mwebwe, muba ata co mumaze. Mu -muriho cankentimuriho!

126 Kubw'ivyo rero mutegerezwa -mutegerezwa kwibuka koYesu ahagaze ku rugi rwanyu, kandi mwibuke rya sezerano ry'Imana rivuga ko ariho azoba ari muri iki gihe cacu. Kubera iki? Kubera ko bamutaye hanze. Kuberaiki Abisirayeli bahanyuwe ku giti c'inkomoko? Kuko banse ubutumwa bwa PentekotePaulo yavuze! Murizera ko iki gihe c'ishengero ari co ca nyuma? Ni Bibiliyaibivuga; kandi ivuga ko hazoba iki? Ko ishengero rizohanyurwa kuko ryashibuyeubutumwa bwa Pentekote, maze rero, Imana izongera guhindukirira Abayuda.

Ni ho rero, Abisirayeli bose bazoca bakizwa, kukoazobafata nk'ihanga, atari umuntu ku giti ciwe. Ariko kuri twebwe ni ikintuc'umuntu ku ruhande rwiwe, kuko aza ku Bayuda… Ivyakozwe n'intumwa, mu Gitaboc'Ivyakozwe n'intumwa, yaje ku Banyamahanga kugira ngo akure mu Banyamahanga "ubwokobwitirirwa Izina ryiwe," Umugeni wiwe. "Ubwoko,"umwe ngaha, umwe harya, uwundi hariya, kandi akorana natwe umuntu ku ruhanderwiwe, atitayeho ubwoko, canke ibara. Yitayeho umwe wese muri twebwe, turiishurwe ryiwe azoshira ku gicaniro ciwe. Ariko ku vyerekeye Abayuda, yamyeyitaho Abisirayeli nk'ihanga : ihanga ry'abantu, ihanga ryiwe.

127 Ndanezerejwe no kuba mfise ubu butumwa kuri akakagoroba. Kandi ndanezerewe cane kubona muri ngaha, kandi ndashima cane kubonamuri ngaha. Ndashimira cane Imana ishobora vyose kuba yaranyeretse ivyo nabonyeno gushobora kubishikiriza iri shengero; ubu rero, ubu butumwa ndabwiremuruye.Kuva mu misi iheze, Mpwemu Yera yaguma akorera mu mutima wanje, sinashoborakuvyikuramwo, vyari bikwiye ko ngendana uwo mutwaro.

Hariho ibintu bibiri numva ndongowe gukora.

Kwari kuja i Shreveport, muri Louisiane, mugikorane hamwe na mwene Data Moore. Umugore wanje yicaye hariya arashoborakubishingira intahe. Mu kiringo c'amayinga menshi, nahakwa kurira nti, "nshakacane kuja i Shreveport. Kubera iki?" Abari i Shreveport bose ubu baraziigituma. Ntibari bwigere babona canke ngo bumve ikintu nk'ico. Harihoabavugabutumwa bavuye mu mihingo yose, ababatiste n'abandi. Umugabo umwe yariagiye kwugurura icuma ciwe gikanyisha ibintu, igihe Mpwemu Yera yaza kuri wemaze akamubwira ati : «Genda i Shreveport, muri Louisiane, hanyumabazokubwirirayo hariya ico ukwiriye gukora.» Aca amubwira izina ryanje n'ahoyonsanga, maze aramubwira ati : «Azokubwira ico ukwiye gukora.»

Naramubwiye nti : «Ikidengeri kirateguwe munsiy'ahavugirwa Ubutumwa. Murakeneye umubatizo wa Mpwemu Yera.» Kandi aho…

Hariho ibintu nk'ivyo, abantu bavuga mu ndimi, no-no kuvugishwa n'ibindi, babura ibintuvyabereye hariya, aho twari dukoraniye.

128 Ariko nca ndavuga nti : «Ntegerezwa kuja iJefersonville maze nandike iki gitabo, kuko sinzi umwanya

nsigaranye ngahakw'isi. Ariko mvuze ibi bintu maze bikandikwa, aho rero ayo majambo azogumahomaze kwitahira.» Naranditse aho baronderera inkuru za kahise zijanye n'ibirimuri iki gitabo. Kandi naje ngaha kubishikiriza ishengero kugira ngo ndonkeuguhishurirwa kuva kuri Mpwemu Yera, kuko na jewe ibi bintu ntari ndabizi. Niukuri! Ndabivuze mw'Izina ry'Umwami: ni ivy'ukuri sinari ndabizi."

Ubu rero, numva ndemurutse, ndumva ko Imanayatuzaniye ubwo butumwa. Ndizera ko turi ku mpera y'urugendo, ndizera ko igihegishitse aho Imana itegerezwa kwiyerekana hagati yacu. Sinzi igihe gisigaye,ariko igihe kiri hafi.

129 Turarindiriye ukuza kw'uwo muvugishwa akomeye.Arashobora kuba yaje mu gihe canje, arashobora kuzoza mu gihe c'abana bacu,sinzi. Kumbure ko ari ngaha hagati yacu ubu, ntidushobora kubivuga. Mpwemu Yeraari ngaha kugira ngo aturongore gushika igihe tuzogira mu minwe y'uwomurongozi. Azoba yarobanujwe amavuta na Mpwemu Yera; nta nkeka ko azoba ariumwe -umwe Eliya ategerezwa kuza. Azoba ari umurongozi azogarukana imitimay'abana ku butumwa bwo kuri wa musi wa Pentekote bwa Data wa twese wo mw'Ijuru,igihe yasuka Mpwemu wiwe.

Ico ni co kintu nyamukuru nagerageje uko nshoboyekwose kubashikiriza nisunze inkuru za kahise na Bibiliya, kandi nerekanye koivyo vyaciye mu bihe vyose vy'Ishengero, kandi ko n'uno musi ari ko biri.Narerekanye ko ayo madini ari ikivume imbere y'Imana. Ndizigira ko Bibiliya,ivyakozwe n'intumwa, n'inkuru za kahise n'ibindi vyatumye bishinga imizi mumitima yanyu. Ivyo…

130 Nta gihe na kimwe Imana ihindura idini ishengeroryayo. Nyina w'amadini ni uburongozi bwa Katolika y'i Roma. Ishengero ryaKatolika ry'i Roma ni ryo nyina w'amadini. Kandi iyo ikanguro ribonetse mumugwi w'abaporoti, ntibateba guca basubira inyuma maze bagakora vya bindinyene! Bibiliya yavuze ko ari maraya kandi ko afise abakobwa ari yo mashengeroarikomokako. Kugira ngo babe ba maraya, vyari bikwiye ko baba ari abagore. Niko bari. Kubw'ivyo turi…

131 Ariko yaravuze kandi ibi, ngo : «Yemwe mwa busho buto, ntimutinye : kukoSo bimuhimbara kubaha ubwami.» Ese rero twese Abametodiste, Ababatiste, abo aribo bose, kuri uwo musi twoshobora kwitaba ubu butumire: «Umuntu niyumva ijwiryanje, akugurura urugi, ndinjira i we, dusangire.»

Ese bene Data na bashiki banje, twoshobora kuzobaturi muri ubwo busho buto, kuri wa musi! Ese twoshobora kuba turi mu bazobabagize ubwo busho buto bw'abazoba bagumye biteze Ukuza kwiwe, igihe azozirakugira ngo abatororokanye aho bazoba bari hose mw'isi. Kuko -kuko izamurwarizoba kw'isi yose : «Babiri bazoba bari ku buriri bumwe, umwe azojanwa, uwundiarekwe; aho babiri bazoba bari mu murima umwe, umwe azojanwa, uwundi arekwe.»Ivyo vyerekana ko ku ruhande rumwe rw'isi hazoba ari mw'ijoro ahandi na hohakaba ari ku murango. «Babiri bazoba bari ku buriri bumwe, babiri bari mumurima, umwe azojanwa, uwundi arekwe.»

132 Nk'uko nabivuze mu gitondo, uwo musi muzoba murikomuratwara umuduga kw'ibarabara, uriko uravugana na nyoko; ubwo nyene,uhindukiye usange yagiye! Uzoba uri ku meza, uriko uranywa ikawa yawe -yawecanke uriko urafata utwo kurya two mu gatondo, canke -canke ikindi, maze ubwo nyene, uzoraba i ruhande yawe, mazeusange so atakiri ngaho. Ni ukuri kwuzuye. Ivyo bigiye gushika, kandi ntituziigihe bizobera. Ariko ico tuzi neza, ni uko igihe bizoshikira, bizoba bishize,kandi ntaco muzoba mugishoboye gukora. Mwovuga muti : «Ivyo haheze igihekirekire ndavyumva». Ariko umusi umwe, muzovyumva ari bwo bwa nyuma. Niivy'ukuri. Ivyo bizoshika, kuko ari Ijambo ry'Umwami. None nimuvyiyumvireko:ryoba ryarihenze n'igihe na kimwe muri iyi misi maze mvuga ubutumwa? Ariko ivyo-ivyo Yesu yavuze ngaha vyategerezwa gushika, kandi vyashitse neza na neza muriburi gihe c'ishengero.

133 Kandi ubu nyene, muri iki gihe ni ho twize kuriibi bihe vy'ishengero. No muri kino gitondo nyene, ndiko ndiga ikigereranyo caza nkumi, mu gihe nyene za nkumi z'ibijuju... Nimwibuke ko Bibiliya ivuga yukoza nkumi z'ibijuju… humvikanye akamo ngo : «Ng'uyo umukwe araje!» Ni ukuzakw'Umwami - kandi ni Ubutumwa bw'Ijambo buvugwa. None haca haba iki?Barasemerera bati : «Igihe kiri hafi, amabombe ruhonyanganda n'ibindi vyosebirateguwe!» Kandi abavugabutumwa baranyuragira mu mabarabara maze bagatanguragusemerera bavuga Ubutumwa.

Maze batanguye kubikora, rya shengero rikomeyeinkumi z'ibijuju, riravuga riti : «Oh, haheze igihe kirekire turi abaperesipiteriyano,kumbure ko tuzokwiga ivyo bintu maze tukagerageza kubiserangura. Ego, murazi,ndibaza ko dukeneye vy'ukuri Mpwemu Yera.» Maze bagaca batangura kuvyandika mudutabo : ubu ivyo bija vyaramaze gutangura. Baravuga bati : «Murashoborakuduhako dukeya?»

Ariko abandi bakishura bati : «Oya, dufise ayadukwiyetwenyene».

134 Rero, baca baja kurondera Mpwemu Yera, maze bacabatangura gusenga nk'uko amashengero abikora uno musi, ayo mashengero maninimanini kandi meza, ari yo madini. Ariko igihe bari bagiye kurondera amavuta,umukwe yaciye ashika. Uko ni ko ayo mashengero akomeye, ayo madini ageragezakuyarondera muri kino gihe, maze bagakoresha ibikorane mpuzamakungu baronderaMpwemu Yera mu madini. Baravuga bati : «Dutegerezwa kugaruka ku migisha yaPentekote. Mw'ishengero turakeneye impano zo gukiza

indwara kuva ku Mana.Turakeneye ukuvuga mu ndimi n'ukuzisobanura. Turakeneye izo mpano za Mpwemumw'ishengero ryacu, kandi tugiye gukora ibikorane maze tubitangure.»Barakoranya inama nkuru maze bagatangura kubikora. Kandi muri ico gihe nyene niho Umukwe aca aza kujana abari bafise amavuta mu matara yabo, maze bagacabigira.

Bamwe bandi bashitse bica bigenda gute? Bacabatererwa mu mwiza wo hanze (igihe ca vya vyago bikomeye) ahazoba amarira,ukuniha n'ukuryanya insya z'amenyo, mu gihe Umugeni azoba mw'Ijuru. Oh,bagenzi!

135 Hanyuma, inyuma ya ya myaka itatu n'igice, azozanka Yosefu maze yimenyekanishe kuri bene Se. Bizotuma habaho igihe c'amaborogohose, kandi bazovuga… imiryango yabo izotandukana maze bazorira kandi -kandi bavuga bati : «Izo nkovu wazikuye he?" kandi-kandi abamucumise… Abamucumise bazomubona, kandi azokwimenyekanisha kuri beneSe.

Ubu rero ariko aragerageza kwimenyekanishakw'ishengero ryiwe, ariko ryaramushiburiye hanze! Ariko ni ho agihagazearamutsa kandi ahamagara ati : «Mbega ngaha hari uwundi akihari? Hari uwobaashaka kunyugururira, akandeka ngo ninjire maze mvugane na we?»

136 Oh, ndanezerewe cane, ndashima cane ku bijanye… haheze imyaka myinshi, hafi imyaka mirongoibiri n'umunani, numvise ikintu kiramutsa ku mutima. Kandi jewe… Yarinjiye mazekuva ico gihe turasangira. Kandi nararonse umugisha wa Pentekoti, Mpwemu Yera.

Narabatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo kugira ngomparirwe ivyaha; mu buzima bwanje, ni ho honyene nabatijwe, ni ho honyene. Kuvankiri umwana muto, nta n'umwe yari gushobora kunyemeza ko hariho Imana zitatu!Oya, ivyo nta n'umwe yari gushobora kubinyemeza. Ivyo ntimushobora kubibwiraumuntu azi Imana iyo ari yo. Ni ukuri. Rero, igihe nabatizwa, umuvugabutumwaw'umubatiste ni we yambatije. Nari naravuze nti : «Nshaka kubatizwa mw'Izina ry'UmwamiYesu Kristo!» Roy E. Davis yaciye ambatiza rero mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo,mu gihe nari nkiri muto cane. Murabona? Ni ivy'ukuri. Kubw'ivyo na -naravyizera,narabigumanye kandi ndazi ko ari Ukuri! Ni Ijambo Rihoraho ry'Imana. Niivy'ukuri. Ni ivy'ukuri.

137 Ndanezerejwe cane nogushobora kuvuga ko ndi umwe muri bo,

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo;

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo

N'aho abo bantu atari barurangiranwa,

Canke ngo bishimireubwamamare bw'isi,

Bararonse bose Pentekotiyabo,

Babatijwe Mw'Izina rya Yesu;

Kandi ubu bamamaza hose

Ko ububasha bwiwe bukiri bwabundi,

Ndanezerejwe cane nogushobora kuvuga ko ndi umwe muri…

Muranezerewe? Namba munezerewe nimuduze ibiganza.

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushobora kuvuga ko ndi umwe muribo,

Mumaze kuba abiwe muzoba hejuru y'icaha cose, mw'Izinarya Yesu Kristo.

Nuze mwene Data werezwe muri iyo migisha,

Bizokweza umutima wawe biwukuremwo icaha,

Bizotuma hatangura inkengeri z'umunezero

Bigumize umushaha wawe ururumba;

Oh, biriko birarurumba aka kanya mu mutima,

Oh, Izina ryiwerihabwe icubahiro,

Kandi ndanezerejwe no gushobora kuvuga ko ndi umwemuri bo.

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo;

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo

Bari bakoraniyemu cumba co hejuru,

Bose basenga mw'Izina ryiwe,

Niho bose babatizwa na Mpwemu Yera,

Kubw'igikorwa

Ivyo Yabakoreye yobigukorera uyu musi,

Nezerejwe cane no gushobora kuvuga…

Nimuramutse abari imbere yanyu, inyuma yanyun'ababakikije.

Ndi umwe muri bo, ndi umwemuri bo.

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo;

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo;

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo;

Ndi umwe muri bo, umwe muribo

Ndanezerejwe cane no gushoborakuvuga ko ndi umwe muri bo

Ntimunezerejwe no kuba umwe muri bo? [Ikoraniroryishuye riti : «Ego! Amen! Haleluya!» -Umw.] Ivyo ndabikunda. Umugwiw'induru!

Shii! Shii!

138 [Mwene Data umwe avuzemundimi, uwundi mwene Data aciye asobanura: "Ego, naje kuri mwebwemuri iri joro, hanga ryanje, ego, nk'umuriro w'umucuzi. Ego, naje kuri mwebwemuri iri joro nk'isabune y'umunyukuzi. Ego, ndababwira nti: 'Abo nkunda,ndabakankamira, ego, kandi ndabahana.'

"Ndababwiye nti: 'Ihane, ego, ihane kandimuhinduke, ego, kugira ngo ivyaha vyanyu vyose bihanagurwe. Igihe co kugirwabazima cashitse kivuye mu Nyonga z'Uhoraho.' Ego, ndabwira ihanga ryanje,'Nimwumve ijwi ry'umuvugishwa wanje, ndabarungikiye kugira ngo mbamenyeshe ukuKuri.' Ego, ndabibabwiye nti: 'Nimutsimbatare mw'uku Kuri kwa none,ego, iriJambo ntakekeranywako ry'ubuvugishwa, ego, ribajeko rivuye mw'Ijambo ryanje.'Ndakubwira nti: 'Nzobemezako Jambo uko iminsi izogenda irangira,'" ni ko Mpwemuw'Uhoraho agize.—Umw.].]

Mbega ukuntu tugushimira Data, kubw'ukugira nezakwawe n'imbabazi zawe utugirira tutabibereye! Mwami, iyo twiyumviriye, ukuntuuja gushingira intahe Ubutumwa bwawe bwasezeraniwe abantu! Ewe Mwami ndasavyengo ubuntu bwawe bugume kuri bo!

139 Namba hariho ngaha abatamuzi nk'Umukiza, mukabamwipfuza kumuronka ubu nyene mu mitima yanyu nk'Umukiza, murashobora guhagurukamu gihe tugiye kubasengera? Yavuze yukoyo…yotanze ubu butumwa hariya, kandi ko ashaka kubagaragariza Ijambo ryiwe.Namba ngaha hariho abatamuzi, kandi bakaba batararonka Mpwemu wayo, arikoarababwira.

Neza, uriya hariya inyuma. Urashobora guhaguruka,ga mwene Data? [Mwene Data umwe ariko aravuga -Umw.] Yashaka kubatizwa na Mpwemu Yera, si vyo, ga mweneData? Imana uguhezagire.

Haguruka aho nyene uri. Hoba hariho uwundi yipfuzaguhaguruka ngo avuge ati : «Nashaka kubatizwa muri Mpwemu Yera»? Imanaiguhezagire, mwene Data! Imana iguhezagire! Guma muhagaze! Guma muhagaze gusa!Hari uwundi yipfuza ko tumushira muri abo dusengera muri uno mwanya yipfuzakubatizwa na Mpwemu Yera? Hariho uwundi, imbere y'uko mvuga ivyo nshaka kuvuga,yipfuza guhaguruka ngo aje muri abo?

Oh, mbega uzoba uri umwe muri bo? (uzobamwo?)

Nimubeho mutagira amarabagamuri mwebwe, Mube maso kandi mwitege ukwokwerekwa; Agiye kugaruka!

140 Agiye kugaruka. Mushaka kuba umwansi wayo cankemushaka kuba abana bayo? Uwo musi, Imana niyaraba nta kindi izokwemera atariamaraso ya Yesu. Ntazigera…Ukwegukira ishengero kwanyu nta co kuzoba kumaze munyonga ziwe. Nta kindi atari Amaraso!

Ya maraso yiwe

Ni yo anyeza rwose,

Bukebuke.

Nta compa gukira

Nk'amaraso y'Umukiza

Icompezakw'ivyaha

N'Amaraso yawe Yesu,

Nta vyanje vyontunganya

N'Amaraso yawe Yesu;

Ya maraso yiwe

Ni yo anyeza rwose,

Nta compa gukira

Nk'amaraso y'Umukiza

[Mwene Data Branham atanguye kuririmbaadasohora amajambo “Nta kindi atari Amaraso -Umw.]

N'Amarasoyawe Yesu!

Ukugororokakwanje kwose

N'Amaraso yawe Yesu.

Hariho ikindi kintu?

Ya Maraso yiwe...

Nta gishobora guhagarara, mwene Data, mushikanje. Isiiriko irashwanyagurika, yagiye!

…nkashelegi;

Nta compa gukira,

Nk'Amarasoy'Umukiza!

141 Ndagusavye Teddy uvuze buke buke ngo : «Amaraso y'Umukiza yaviriye abantu»

Ubu rero bagenzi banje, mwebwe muhagaze, mu -mugerageza kwemera ubugwanezabw'Umwami Yesu. Iyi Bibiliya nyene yatubwiye ko ibi bintu bizoshika, yabikozeneza na neza nk'uko yari yabivuze. Petero yavuze ati : «Kukw'isezeranoar'iryanyu kand'ar'iry'abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bosen'Umwami Imana yacu.»

Mwahagurutse kuko mushaka ko umugisha w'Imana uba kuri mwebwe. Nanje nk'umukoziwiwe, ndabasengera, ndasaba ngo Imana ibahe umubatizo wa Mpwemu Yera. Kandi,sinzi ko ibi mushobora kubikora mu mitima yanyu, namba mufise imitima ikunze,namba mwosezeranira Imana muti : «Ewe Mana, jewe mpagaze ubu, ndonderaumubatizo wa Mpwemu Yera, ngiye gusenga ubudahumeka kuva uno musi, kandinzorindira gushika aho uzonyuzuriza Mpwemu Yera!» Mbega ntimwosezeranira Imanairi sezerano mu kuduza ikiganza? Muti : «Ngiye gusenga ubudasiba, ubudasiba,gushika aho uzonyuzuriza ubugwaneza

n'ukugira neza biva kuri Mpwemu.»

Uburero ngira ndabasengere, mu gihe twunamitse imitwe.

142 Data wa twese wo mw'Ijuru, ng'aba abo wironkeye mu kuba hano kwawe.

Barazi ko aya majambo ari ay'ukuri, kukoava kuri wewe. Barazi ko yatanzwe na Mpwemu Yera, kuko ari Ijambo ry'Imana.Kandi bemeye koko ko bagukeneye, ko bakeneye ubugwaneza bwa Mpwemu Yera mubuzima bwabo, azobaha ubushobozi bwo kunesha.

«Kandi bazoronka ubushobozi buvamw'Ijuru», ubushobozi buzotuma babaho ubuzima bw'abakristo, ubushobozibuzobashoboza kunesha ibigeragezo. Nk'uko iyi ndirimbo duhejeje kuririmba ivugango : «Bari bakoraniye mu nzu yo hejuru, bose basenga mw'Izina ryiwe; bacabarabatizwa na Mpwemu Yera, maze ubushobozi bwo kuyikorera buca bubazako.» Nico bashaka, ko ubushobozi bwo kumukorera bubazako.

Ewe Data, jewe nk'umukozi wawe, ndagusaba igihe wobabona badugije ibiganzavyabo, bashizeho indahiro n'isezerano ko batazokwigera bahengeshanya, kobatazokwigera babifata minenerwe, ariko ko bazosenga gushika aho uzobuzuraMwami, gushika aho uba muri bo ku rugero rukwiye! Ndagushikirije iri sengeshokubwabo, Mwami, nk'umukozi wawe, kugira ngo buzuzwe Mpwemu Yera. Mwami, ndasabakugira ngo ntibave muri runo rusengero ivyo bidashitse; bagume ngaha gushikaaho ubugingo bwose bwuzuzwa Mpwemu Yera.Ewe Mwami, nubiduhe!

143 Uri Imana ishobora vyose; werekanywe mu mubiri kugira ngo ukure icaha c'abarimw'isi. Wazutse ku musi ugira gatatu, maze uca uraduga mw'Ijuru. Kandi uringaha kuri uno mugoroba hagati yacu, kubwa Mpwemu Yera. Kandi turagusaba Data,Mwami wacu mukundwa, Wewe nyene wuzure umwe umwe wese muri bo. Ese kandiboshobora kubera umugisha abo mu Bwami bwawe no mu gihe kizoza. Kandi umusiumwe, igihe bazoshikira noneho ku mpera y'urugendo rwabo (na vyo bikababishobora gushika n'uno musi, ntituzi igihe bizobera)... O Mwami, nze nshoborekuba mu bazojanwa. Icompa aba bakazamurwa. Icompa abari mu nyonga z'Imana bosen'abuzuye Mpwemu bose, ab'Imana bose, bakazozamurwa.

Nubemere kuri uno mugoroba Data! Ubu ni abawendabaguhaye. Mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen!

144 Ubu rero, nashaka ko abari i ruhande yabo kandibafise Mpwemu Yera bahaguruka maze babarambikeko ibiganza.

Amaraso y'Umukiza

Yaviriy'abantu

Abogamwobarakira Bakera derere.

Bakeraderere.

Bakeraderere.

Abogamwobarakira

Bakeraderere

Wa mwambuzi hamwe yapfa

Yaronse ikigongwe

Nanje nd'umuhwere nkawe

Untabare unkize;

Untabare unkize;

Untabare unkize;

Abogamwo barakira

Bakera derere.

145 Ubu rero nimuduze amaboko yanyu muyerekeje ku Manamuyishimagize. Nimuvuge muti : «Urakoze Mwami! Nahagurutse kandi ndikondagushimagiza! Nzogushima kubw'imigisha yawe, kubw'ubwiza bwawe, no kubawarampaye umubatizo wa Mpwemu Yera.» Urakoze Mwami! Urakoze Mwami! Warakozekubw'umuhamagaro wawe, kubona waduhaye... Urashitsa isezerano ryawe, ntushoborakurisubirako. Turakwizera!

146 Ntimunezerewe? Nimuvuge muti : «Imana ihimbazwe!»Teddy, turirimbe kandi ngo : «Harihobenshi badashobora gutahura kw'ibi ari nk'ijuru kuri jewe.»

Benshi ntibashobora gutahura

Igituma tunezerewe kanditwidegemvya;

Twarajabutse Yorodani

Kugira tuje mu gihugu cizac'i Kanani,

Kandi bimeze nk'Ijuru kurijewe.

Oh ni nk'Ijuru kuri jewe,

Oh, ni nk'Ijuru kuri jewe ;

Oh,Twarajabutse Yorodani tuja mu gihuguciza c'i Kanani,

Kandi ni nk'Ijuru kuri jewe.

Oh, iyo nezerewe, ndaririmbankasemerera.

Umurwanizi ntavyemera, ndabibona.

Ariko nta nkeka nuzuye Mpwemu.

Kandi iyo ni yo ngoraneyanje.

Oh,iyo niyo…(Imana ihimbazwe!)

Oh ni nk'Ijuru kuri jewe,

Oh, ni nk'Ijuru kuri jewe ;

Oh,Twarajabutse Yorodani tuja mu gihuguciza c'i Kanani,

Kandi ni nk'Ijuru kuri jewe.

147 Mbega ivyo ntibibahimbaye? Ni uko! Nimuramukanye muvuga muti : «Umwamiahimbazwe! Ni nk'Ijuru, Mwami.

Izinary'Umwami Yesu

Niryoryokuremesha

Mumagorwa yawe yose

Rijaneah-uja hose

NiIzina ryiza pe !

Baryizigiremw'isi ;

Niizina ryiza cane

Barishimemw'Ijuru.

Amaviyose apfukame

Kw'Izinary'Umukiza

N'indimizize zemere

KoYes'ar'Uhoraho

NiIzina ryiza pe !

Baryizigiremw'isi ;

Niizina ryiza cane (Ryiza cane !)

Barishimemw'Ijuru.

Uburero buke buke, mu gihe twunamitse imitwe yacu :

Izina ry'UmwamiYesu,

Ni ryo nkinzoikomeye

IyoSatani aguteye

TabazaYesu vuba

Ni Izina ryizape!

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7